# *Wa Munsi I Karuvariyo*

Urakoze, Mwene Data Neville. [Mwene Data Neville avuze ati, "Hezagirwa, mwene Data."—Umw.] Imana Iguhezagire, Mwene Data Neville. Urakoze, cane.

2 Mwaramutse, bagenzi. Ni ibakwe kuba ng'aha kw'ihema ubugira kandi, muri iki gitondo, ngo dukorere Umwami, mu buryo bwo kwigisha Ijambo no gusengera abarwaye. Kandi ndakenguruka cane kubw'uyu munsi.

3 Kandi natangaye, igihe ninjira. Mwene Data umwe yegereje maze aca avuga ati: "Sinshaka kuba nka wa munyamibembe atabereye yakijijwe indwara." Ni Mwene Data Wright. Naramusengeye, kandi Umwami Yaramukijije burundu. Yaciye aza, arira, kundamutsa mu minwe, avuga ko—ko yashaka gushima Umwami ku—kuba yarakize. Yashaka kugaruka ngo atange amashimwe. Vyose vyaraheze. A—ameze neza cane ubu. Turakenguruka kubw'izo ntahe.

4 Charlie, wewe na Mwene Data Jeffries, namba muvyipfuza, nimuze mwicare muri ibi bibanza hano hejuru. Murahawe ikaze cane, kubw'ivyo ntibikenewe ko muhagarara. Urya mwene Data wundi hariya, na Mwene Data Wood, nimuze hano hejuru. Muri. . .Ng'aha hariho ibibanza bikeya ku ntebe, kubw'ivyo ntibikenewe ko muhagarara. Ndibaza, hariho ibibanza bikeya hano, ego, murahawe ikaze cane muze mufate ibi bibanza.

5 Turanezerewe ku. . .Nibaza ko vyavuzwe, igihe kimwe, ngo: "Naranezerewe igihe bambwira. . ." Imana Iguhezagire, mwene Data. [Mwene Data umwe avuze ati: "Nama nkunda kuba hafi y'umuvugabutumwa."—Umw.] Urakoze. Urakoze, urakoze. "Naranezerewe igihe bambwira, ngo tuje mu ngoro y'Uhoraho." Iryo ni ibakwe n'umunezero vy'Umukristo, kuja mu ngoro y'Uhoraho.

6 Ndavye hirya no hino, ndabona benshi cane mu bagenzi banje hano, iki gitondo, ibi birampimbaye cane. Ndanezerewe kubona Mwene Data na Mushikiwacu Dauch ng'aha, bo muri Ohio. Ndabona Mwene Data na Mushikiwacu Armstrong hariya inyuma, bavuye hariya muri Ohio. Imana Ibahezagire namwe mwese. Kandi, oo, uravye gusa hirya no hino, ubona benshi cane, ku buryo vyosa n'ibigoye kuvuga amazina yabo bose. Mushikiwacu Hoover, turanezerewe kukubona hano, iki gitondo, uvuye muri Kentucky. Na Charlie na Nellie, Mwene Data Jeffries n'umuryango wiwe, n'abandi benshi cane, bavuye hanze y'igisagara.

7 Rero turiteze ibihe bihambaye mu Mwami, iki gitondo, twiteze guhura n'Imana mu buryo bwo guhezagira imishaha yacu no kuduha ivyo dukeneye.

8 Ndavye hirya no hino muri iki kibanza, hamwe notangura guhamagara abagenzi banje bose bari hano, nofata igice kinini c'iki gitondo, mvuga umw'umwe. Bituma numva meze neza kugaruka mu rusengero, kubona abantu bose baje, ngo duhure.

9 Mbega bizomera gute nitwashika mw'Ijuru, tugahurira Hariya muri ico gihe gihambaye c'isangira rihoraho, ry'Ibihe Bidashira, dukikuje Intebe y'Ubwami y'Imana, na ya mihezagiro nyene twakunze twese? Twebwe, Hariya, tuzohindurwa duse na We, mw'ishusho yiWe, hamwe na Mpwemu wiWe kuri twebwe, tuMusenga kandi tuMukorera Ibihe Bidashira, ntituzokwigera turuha.

10 Ni muvyiyumvire, nta kintu na kimwe ushobora kwiyumvirako, mu vyo ukunda gukora, bidashika ngo usange rimwe na rimwe warambiwe no kugikora. Charlie, nibaza ko jewe nawe twahize imihare kuruta ikintu cose dukunda gukora, muri ubwo buryo, ariko, urabizi, urashika aho urambirwa kubikora.

11 Kandi nda—ndakunda gu—gutembera, kuja mu misozi ngatembera gusa. Ariko ndarambirwa, rimwe na rimwe, ugashaka gukora ikindi kintu.

12 Ndakunda gutwara imodoka. Rimwe na rimwe ndumva nsa n'uwurushe kandi nasanzaye, n'imitsi yaranze. Ngaca nsimbira mu modoka gusa nkagenda, ngafata igisokani, nkihereza ibarabara, ndirimba nti "Nezerejwe cane n'uko nshobora kuvuga ko ndi umwe muri bo," canke ikintu nk'ico. Ndafata gusa ico gisokani, nkaririmba, nkadida ibirenge hasi, ngasemerera. Hanyuma, haheze akanya, nkaruha, hanyuma ngasubira muhira maze ngatangura ikindi kintu.

13 Ariko nitwatangura gutazira Imana muri ubwo Bwami bushasha, ntihazokwigera habaho umwanya n'umwe w'uburuhe, hazokwama umugisha gusa—gusa, utagira iherezo. Ariko, ni koko, tuzoba twarahinduwe ico gihe. Ntituzoba tumeze uko turi ubu. Tuzoba dutandukanye, ivyaremwe bitandukanye n'ivyo turi muri iki gihe. Rero, turanezerewe.

14 Nariko ndiyumvira gusa. Sinzi ko nigeze kuvuga ibi canke ntabivuze. Mwene Data Charlie, haraheze igihe, nari kumwe na we hariya muri Kentucky, maze avuga ati: "Mwene Data Branham, uriyumvira yuko, muri ya Nganji y'Imyaka Igihumbi, wewe nanje tuzohiga imihare?"

Nca mvuga nti: "Sindavyibaza, Charlie."

15 Ati: "None, ko tubikunda cane," ati: "u—uribaza ko tuzobikora nitwashika muri ya Nganji y'Imyaka Igihumbi?"

Nca mvuga nti: "Oya, nta kintu na kimwe kizokwicwa muri ya Nganji y'Imyaka Igihumbi."

Aca avuga ati: "Ariko, turaravyikundira."

16 Nca mvuga nti: “Charlie, vyogenda gute hamwe nokwemeza ko wigeze kuba ingurube, hanyuma ukaduzwa ugashika ku kuba ikiremwa co ku rwego rwo hejuru, ugahinduka umuntu? Mbega wokwigera usubirayo, ukipfuza gusubira inyuma kunezerezwa n’ibihimbara ingurube?”

Ati, “Oya.”

17 Nca mvuga nti: “Urabona, woba uri hejuru cane y’ingurube, ubu, uri umuntu, ntiwokwigera wipfuza gusubira kuba ingurube ukundi.” Nca mvuga nti: “Ivyo rero bigwize incuro ibihumbi icumi, uko niko uzoba umeze niwahindurwa uva ng’aha uja kuco uzoba uri. Ntuzokwigera wipfuza namba gusubira kuba umuntu.”

18 Ni vyo. Bizoba ari ibintu bitandukanye. Ndanezerewe cane no kuvyiyumvira gusa, nzi yuko umunsi umwe tuzoduga hejuru cane.

19 Rero, ubu, Umwami Abigomvye, ku munsi w’iyinga uza, hazoba ari nka . . . Hanyuma nzoca ngenda, nerekeza i Wyoming, hamwe n’umugenzi mwiza; canke hariya muri Idaho, hamwe n’umugenzi wanje mwiza, Mwene Data Miner Arganbright, MweneData Clayt Sonmore, Abagabo b’Abagwizatunga b’Abakristo.

20 Mu ndwi iza, indwi ikurikira iyiza, ni ukuvuga; igenekerezo rya 7, ntegerezwa kuba ndi i—i Dallas, muri Texas, mu Gikorane c’Ijwi ry’Ugukira. Kandi nzovuga ubutumwa ku mugoroba w’igenekerezo rya 7. Hanyuma nce ngaruka, kugira ngo nje muri Idaho na Mwene Data Arganbright hamwe n’Abagabo b’Abagwizatunga b’Abakristo. Kumbure nzofata umugoroba umwe i Minneapolis, imbere yuko tugenda. Hanyuma mfate akavunamusase n’Abagabo b’Abagwizatunga b’Abakristo.

21 Umwami Abishatse, kuw’iyinga uza mu gitondo nshaka kugaruka hano kw’ihema ubugira kandi, mbaye ndavyemerewe bukaba ari n’ubugombe bw’Umwami. Nashaka kuvuga ku cigwa c’*Agashurushuru Mu Muyaga*, Umwami Abigomvye. Bisa n’ibimaze iyinga ryose bindi ku mutima.

22 Ejo bundi mu gitondo, kare cane, hafi nk’isaha cumi z’igitondo, naravyutse nca ngira iki ciyumviro, nti “Wa munsi i Karuvariyo.” None nashaka kubivugako, iki gitondo: *Wa Munsi I Karuvariyo*.

23 Ubu rero kubw’iki gisomwa, reka tuzingururure Bibiliya zacu, mu Vyanditswe, mu Butumwa Bwiza bwa Matayo Mweranda, igice ca 27. Turatangurira ku murongo wa 27 maze dusome agace k’iki Canditswe, kugira ngo turonke urufatiro, hanyuma duce dutangura ubwo nyene. Hanyuma inyuma y’umwanya w’ubutumwa, niho tuza gusengera abarwaye.

24 Kandi, oo, kuva igihe mperukira ng’aha, nguma ngaruka ku bintu bihambaye bijanye, n’ubwoko bw’igikorwa c’ibango

canje gishasha. Naronse intahe nyinshi zavuye muri ico gikorane kuruta ibindi vyose nagize haheze igihe kirekire.

25 Hariho ikintu kijanye, gituma utegerezwa kuvugana n'uwo muntu, utitayeho ibintu vy'indengakamere vyibonekeje. Ariko, murabona, ugukira kubwirizwa gushimikira ku kwizera kw'umuntu ubwiwe. Rero, mu gihe uwo muntu afise ukwizera . . .

26 Kandi bakabona, nk'akarorero, Mpwemu Yera Agendagenda hejuru y'ikoraniro Akavuga Ati: "Ibintu *ibi n'ibi* vyarabaye. Ngo witwa izina *iri n'iri*. Uturuka ahantu *aha n'aha*. N'ikintu *kinaka* wakoze. Kandi bizogenda *uku*." Kandi vyose ukabona bishika ukwo nyene!

27 N'ubwo biri uko, uwo muntu, yicaye ng'aho, yotegerejwe kunamura amaso akavuga ati: "Iyo Itegerezwa kuba Ari Imana. Ndakiriye ugukira kwanje."

28 Ariko, mu gishingo c'ivyo, uwo muntu aca avuga ati: "Ndambikako ibiganza unsengere, kugira ngo nkire." Ariko uko ni ko tuvyigishwa hano muri Amerika, kandi, rero, n'ukuvyizera. Kandi bihwanye n'Ivyanditswe neza na neza.

29 Ariko ubu dusanga, muri Afrika n'ahandi hatandukanye, ureke gusa ikintu nk'ico gishike, ikoraniro ryose rica rigororera amaboko icarimwe, bakakira ugukira, kuko ataco bigishijwe. Murabona? Nta n'ubwo barigera bigishwa ugukira indwara. Rero iyo babonye ivyo, baca bamenya ko hariho Imana Nzima. "Kandi nimba ari Nzima, I—Isumba vyose, kandi I—Irakiza." Kandi ni ivyo, kuko urufatiro rwaramaze gushirwaho, umushinge, ko ari Yo Ikiza, kandi Ikiza abantu. Hanyuma iyo babonye Ukubaho kwaYo kuriko kurakora biciye mw'Ishengero ryaYo, baca bavuga bati, "Ivyo birahagije. Ivyo nivyo dukeneye gusa."

30 Ariko twebwe twigishijwe, "kurambika ibiganza ku barwaye," n'ibindi nkivyo. Nico gituma bidakora neza muri Amerika.

31 Rero, mwibuke, kuw'iyinga uza mu gitondo, Umwami Abishatse, Mwene Data Neville azobitangaza, ata nkeka. A . . . a . . . *Agashururu mu Muyaga*.

32 Rero, nabahaye umwanya mutoya wo kuzingurura mu Vyanditswe vyanyu, muri Matayo 27. Muze dutangurire gusoma ku—ku murongo wa 27, w'Ubutumwa Bwiza bwa Matayo Mweranda. Reka dutege amatwi igisomwa.

> *Maze abasoda b'ico cegera ca Kayisari bajana Yesu ku kirimba mw'iciro ry'imanza, begeranya umugwi wose w'ingabo kuri we.*
>
> *Bamwambura impuzu ziwe, bamwambika umutamana utukura;*

*batsiba igitsibo c'amahwa, bakimwambika* mu *mutwe, bashira n'irenga mu. . .kuryo kwiwe; baramupfukamira, baramucurira bati: "Ndagize bwakeye Mwami w'Abayuda!"*

*Bamuvuma amate, bamushikura rya renga, barimukubita mu mutwe.*

*. . .bamaze kumushinyagurira, bamwambura wa mutamana, bamwambika impuzu ziwe, bamujana kumubamba.*

*Bakirenga irembo, bahura n'Umunyasirene yitwa Simoni, uwo baramufata kugira ngo amutwaze umusaraba.*

*Bashitse* ahantu, bashitse *ahantu hitwa i Gologota, risobanurwa ngo Ahantu h'Agahanga,*

*bamuha umuvinyu uvanze n'umuti w'umururazi, ngo awunywe;. . .awumvirije, yanka kuwunywa.*

*Bamaze kumubamba, bagabura impuzu ziwe, bakoresheje ubupfindo, ngo ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana bishitswe, Bagabura impuzu zanje, bapfindira umwambaro wanje.*

*. . .bicara hano baramurinda.*

*Hejuru y'umutwe wiwe. . .bahashira ikirego ciwe, canditswe ngo: "UYU NI YESU, UMWAMI W'ABAYUDA."*

*Maze bamubambana n'abambuzi babiri, umwe i buryo, uwundi i bubamfu.*

*Aba—abahahita baramutuka, bazunguza imitwe,*

*bati: "Wewe usambura urusengero, ukarwubaka mu misi itatu, niwikize, niwaba uri Umwana w'Imana, imanure ku musaraba."*

*N'abaherezi bakuru, abanyabwenge b'ivyanditswe n'abashingantahe bamucurira batyo na bo bati:*

*"Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza. Ni Umwami w'Abisirayeli, ni yimanure ku musaraba ubu nyene, duheze tumwizere.*

*Yizigiye Imana, nimukize ubu nyene, ni yaba imubabaye; kuko yigira ngo ni Umwana w'Imana."*

*N'abambuzi babambanywe na we, na bo* baratukana, *barabimutuka.*

*Uhereye kw'isaha ya gatandatu ubwirakabiri bukorana mu gihugu cose gushitsa kw'isaha y'icenda.*

*Nko kw'isaha y'icenda Yesu asemerera n'ijwi rirenga ati: "Eli, Eli, lama sabakatani?" Bisobanurwa ngo: "Mana yanje, Mana yanje, ni igiki kikumpebesheje?"*

*Bamwe mu bahahagaze bavyumvise, baravuga, bati: "Uwo ahamagaye Eliya."*

*Umwe muri bo aca . . . arirukanga yakira sipongo, ayuzuza inkarisha, ayirungikisha irenga, arayimusomesha.*

*Ariko abandi bati: "Banza ureke, turabe ko Eliya yoza kumukiza."*

*Yesu yongera gusemerera n'ijwi rirenga, umutima uraca.*

*Igitambara gikingiriye ahera cane h'urusengero gitabukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi; isi iratigita, ibitandara birasaduka;*

*. . . imva ziruguruka; imivyimba myinshi y'abera bari basinziriye irazurwa,*

*bava mu mva, amaze kuzuka, bashika mu gisagara cera, babonekera benshi.*

*Intwazangabo y'abasoda ijana, n'abari kumwe na we barinda Yesu, babonye isi itigita n'ibibaye, baratinya cane bati: "Ni ivyo ukuri, yari Umwana w'Imana."*

33 Reka twunamike imitwe yacu akanya gatoya kubw'isengesho.

34 Mwami, turazi ko Uri Imana. Kandi bi . . . Inyuma yo gusoma iri Jambo ryubashwe kandi Ryera, turashobora kongera kubona ko kamere yaWe itahindutse. Wama Uri Imana. Kandi bisa n'uko Yesu Atari Agiye kuronka ubufasha na bumwe, ko Yari Yaguye mu maboko y'ababi kandi bari baMutabaguye, baMuciriyeko amate, baMushinyagurije, Amanitswe ku musaraba, Ava amaraso, Ariko aracikana. Wamengo nta bufasha bwari buhari, ahantu na hamwe, gushika naho Yasemereye, ubwiWe, Ati: "Mana Yanje, Mana Yanje, ni iki kiKuMpebesheje?"

35 Ariko, Ukora mu gihe aho ata kindi kintu gishobora gukora. Twahawe kumenya, Mwami, yuko namba hariho uruzi na rumwe tutoshobora kujabuka, namba hari umusozi n'umwe tutoshobora gucamwo, Imana ni Umuhinga mu gukora ivyo abandi badashoboye gukora.

36 Uri Umuhinga, ku gikorwa, kuko Wari Uzi impamvu y'urya munsi i Karuvariyo. Wewe, nk'Imana, Uwutagira iherezo, Wari Uzi ko iyi saha yategerezwa kuza. Ariko igihe vyashitswa, niho Wererekanye ko Uri Imana. Warerekanye Uwuhambaye Uwo ari We. Waranyiganyije isi, abera bari basinzirije mw'ivu baca barazuka. Wariraburanije izuba mw'ijoro, nk'umwijima wo mw'ijoro, vyerekana ko Uri Imana. Ariko Wasa n'uwacereje igihe kirekire.

37 Reka kubw'ibi, twigire inama, yuko, igihe cose tuzoba tugendera muri Mpwemu, turongowe n'ukuboko kw'Imana,

uko bizoba bisa n'ibigenda nabi kwose, yamara duhanze amaso Karuvariyo; Imana Izovuga mu gihe nyaco, mu mwanya ukwiriye.

38 Rero, Mana Data, turasavye uguharirwa kw'ivyaha vyacu n'ibigabitanyo vyacu. Turasavye ko Mpwemu Wawe Aturongora. Uturongore, nk'ukwo Inuma Yarongoye Umwagazi w'Intama. Duhe kuba abantu bagamburuka imbere y'ibishobora kudushikira ivyo ari vyo vyose, tuzi ibi, yuko vyose Imana Ibifataniriza hamwe kuzana ivyiza, tunamenye ko vyose bizogenda neza.

39 Ubane natwe muri iki gikorane. Turasavye ngo Ukize abo bashoboye gukira, kandi barondera agakiza. Wuzuze Ubugingo Budashira, abo bariko baraburondera. Turasavye yuko Wokiza abarwaye n'abababaye, baje, barondera ugukira indwara. Kandi tuzoGushima kubw'ivyo. Tubisavye mw'Izina ry'Umwana WaWe, Umukiza Wacu, Yesu Kristo. Amen.

40 Ubu, mu butumwa bw'iki gitondo, twipfuza ko muraba neza icigwa nahisemwo kuvugako: *Wa Munsi I Karuvariyo*.

41 Bisa nk'aho bitoba bijanye n'igihe; ibi vyari bikwiye kuba ivyo ku Wagatanu Mweranda. Karuvariyo ikwiye kwibukwa iminsi yose. Twarumvise vyinshi cane kuri yo, dusoma vyinshi cane kuri yo. Abavugabutumwa barayigishijeko, kuva mw'itanguriro ry'ibihe. Abaririmvyi barayiririmvye mu bihe vyose. Abavugishwa barayivuzeko itaraba, imyaka ibihumbi bine imbere yuko ishika. Kandi abavugishwa b'iki gihe barerekana igihe yashikiye. Ni umunsi uhambaye rwose! Ni umwe mu minsi ihambaye kuruta iyindi mu minsi yose Imana Yigeze kureka ngo itamanzure kw'isi.

42 Kandi namba Karuvariyo ihambaye gutyo ku bwoko muntu, nibaza ko ari vyiza kuri twebwe ko dusubira inyuma tugasuzuma, tukaraba ico usigura kuri twebwe. Kuko, sinkekeranya, muri iki gihe citereye tubayemwo, turashaka kumenya akamaro kose k'Imana dushoboye kumenya. Kandi ivyo dushobora kumenya vyose, turi hano ngo tuvyige, tubone ivyo ari vyo kuri twebwe, n'ivyo Imana Yadukoreye, tunabone ivyo Yasezeranye kudukorera. N'igituma tuza ku rusengero. Nico gituma umuvugabutumwa avuga ubutumwa, nico gituma yiga akongera akazirikana Ivyanditswe, akarondera ihumekerwa, ni uko ari umukozi akorera abantu b'Imana. Kandi agerageza kurondera ikintu co. . .ico Imana Yoshaka kubwira abantu baYo, ikintu coshobora kubafasha. Kumbure, gishobora kuba, ikibacira urubanza mu vyaha vyabo, ariko gishobora kuba ikibafasha guhaguruka, kugira ngo bahebe ivyaha vyabo maze bahaguruke bakorere Umwami. Abakozi b'Imana botegerejwe kurondera ivyo bintu.

43 Kandi uyu munsi, kubera ko ari uwuhambaye cane, umwe mu minsi ihambaye kuruta iyindi, reka turabe ibintu bitatu

bitandukanye uwo munsi wasigura kuri twebwe. Twoshobora gufata n'amajana. Ariko, kino gitondo, natoye gusa ibintu bitatu bitandukanye, vya nyamukuru cane dushaka kuraba, mu mwanya mutoya uri imbere, ico Karuvariyo yasigura kuri twebwe. Kandi ndasenga ngo ivyo bitsindishe buri munyavyaha ari ng'aha; bitume buri mweranda apfukama; bitume buri muntu wese agwaye aduza ukwizera kwiwe ku Mana, kandi agende, yakize; buri munyavyaha, akizwe; uwasubiye inyuma wese agaruke, kandi amaramazwe n'ivyo yakoze; kandi buri mweranda wese, anezerwe, aronke ishaka rishasha n'ivyizigiro bishasha.

44 Ikintu kimwe gikomeye, gihambaye Karuvariyo isigura kuri twebwe no kw'isi, ni uko yaheraheje ikibazo c'icaha, rimwe rizima. Umuntu yari yaragiriwe n'icaha. Kandi icaha cari igihano ata muntu n'umwe yari ashoboye kuriha. Igihano cari kinini rwose gushika n'aho ata muntu n'umwe yari ashoboye kukiriha. Ndizeye vy'ukuri ko Imana Yari Yabiteguye gutyo, ko igihano cari kinini cane ku buryo ata muntu yoshoboye kukiriha, kugira Ibe ariYo ibikora, ubwaYo. Rero, igihano c'icaha cari urupfu. Kandi twese twavukiye mu caha, twasamwe inda mu kugabitanya, tuza mw'isi, tuvuga ibinyoma. Kubw'ivyo nta n'umwe muri twebwe yari abereye, canke, ntibashobora kuronka n'umwe mw'isi abereye.

45 Kandi icaha nticatanguriye mw'isi. Icaha catanguriye mw'Ijuru. Rusi-. . .yari. . .Rusiferi, wa murwanizi, yari icaremwe caciriweko iteka, kubwo ukutumvira kwiwe, imbere yuko anashika kw'isi. Icaha catanguriye mw'Ijuru, aho Imana Yashize Abamarayika, n'ibindi, ku rufatiro rumwe nk'urwo Yashizeko abantu; ubumenyi, igiti c'ubumenyi, igiti c'Ubugingo n'igiti c'ubumenyi, aho umuntu yashobora guhitamwo. Kandi igihe Rusiferi yahabwa uburenganzira ubwa mbere, bwo guhitamwo, yashate ikintu ciza kurusha ico Imana Yari Ifise. Aho niho ingorane zatanguriye.

46 Kandi hari icasabwa kubw' icaha. Icasabwa rwari urupfu. Urupfu ni rwo rwari igihano. Kandi, ni ukuvuga, twoshobora kuja mw'ido n'ido ry'ibi, kuko sinizera ko hatariho urupfu rumwe gusa. Hariho Ubugingo bumwe. Kandi nizera ko umuntu afise Ubugingo Budashira atigera apfa. Nizera kandi ko hariho ukurimbuka burundu kw'umushaha ucumura, kuko Bibiliya Ivuga Iti: "Umushaha ucumura, ni wo uzopfa ata nkeka." Atari umuntu; "*umushaha* ucumura." Rero Satani ategerezwa gupfa ata nkeka, gusangagurwa burundu. Ese ukuntu ntahuza na bamwe bafatira ibintu mu kivunga bavuga ko Satani azokizwa! Yaracumuye kandi niwe soko y'icaha. Umushaha wiwe waracumuye; kandi yari impwemu. Iyo mpwemu izosangagurwa burundu, iherengetere.

47 Kandi igihe icaha cubikiza kw'isi, hariya kw'itanguriro, nk'igihuzu c'umwijima gikorotse kiva mw'ijuru, caciye

gikongataza isi rwose. Caciye gishira buri kiremwa cose, kw'isi, n'ibiremwa vyose vy'Imana, mu buja. Umutu yari munsi y'ubuja bw'urupfu, indwara, ingorane, amarushwa. Ivyaremwe vyose vyagwanye na co. Icaha cari umuti usinziriza wakongataje isi vy'ukuri. Maze duca twisanga hano, ata vyizigiro, kuko ivyaremwe vyose vyo kw'isi vyaganzwa na co. Kandi buri muntu yavukiye mw'isi yaganzwa na co.

48 Rero, vyategerezwa kuva Ahantu hanaka hatari icaha. Ntivyashobora kuva kw'isi. Nta n'umwe muri twebwe yari ashoboye gucungura uwundi. Vyategerezwa kuva ku Wundi.

49 Kubw'ivyo, igihe umuntu yamenya ko yatandukanye n'Imana Yiwe, yaciye ahinduka inyererezi. Bararize. Baraboroze. Baracumukuye. Bayerera, baca mu misozi no mu bugaragwa, barondera Igisagara ico umwubatsi n'umugezi waco ari Imana. Kuko, yari azi ko aramutse agarutse imbere y'Imana, yari gushobora kubivuganako naYo. Ariko nta nzira yo kugaruka yariho. Yarazimiye. Ntiyari akimenya iyo aja, ni uko aca apfa gusohoka, ayerera, agerageza kurondera aho yoshobora kubona inzira yo gusubira aho Hantu. Hari Ikintu ibwina muri we camubwira yuko yakomotse A—Ahantu hatunganye. Nta muntu ari hano muri iri koraniro riboneka, muri iki gitondo, canke mubumviriza kuri bande, aho izoja kw'isi hose, nta n'umwe ng'aha, canke ahantu na hamwe, atarondera ukwo gutungana.

50 Iyo amafagitire yawe arishwe, uca wiyumvira uti, "Ivyo bizoheza ikibazo." Iyo uhejeje kuriha amafagitire, haca haba umuntu arwaye mu muryango. Iyo indwara zikize, uca uronka ayandi mafagitire yo kuriha. Ikintu ca mbere murazi, umushatsi wawe uba uriko urahinduka imvi, ugaca ushaka gusubira kuba muto. Kandi hama hariho igihe cose, ubudahengeshanya, ikintu kanaka, kubera uwo mupfunda w'icaha. Ariko mu mutima wawe, kuko ubirondera, vyerekana yuko hariho Ugutungana ahantu hanaka. Hariho ikintu ahantu hanaka.

51 Ni co gituma, kenshi, uno munsi, umunyavyaha aguma ayerera. Umukobwa muto, mwiza aramwa umushatsi, kugira abe rurangiranwa; akisiga mu maso, kugira ase neza; akambara impuzu zerekana uko yaremwe. Kuko, ni co kintu conyene ashobora kuronka, arondera ahantu yogerageza gukura ikintu kanaka comugarukako, mu gihe ashobora gutuma abagabo bamusifura, bamuramutsa, bamuryosharyosha. Umusore azogirira nk'ivyo nyene uwo mugore, agerageza kwigira uwukwegera kuri we. Ababanyi bazokwubaka inzu, hanyuma bayigire ukuntu kunaka, kugira ngo izoboneke neza gato kurusha iy'umubanyi wiwe. Vyama uko, twama turiko turarondera ikintu kinaka, ariko hakaba ikintu kiguma kigisumba gato. Umugore akiri muto azobona uwundi mugore wa rurangiranwa cane kumusumba. Umubanyi azobona inzu isa

neza kuruta iyiwe. Umugore azobona uwundi mugore yambaye ukuntu kunaka, aboneka neza gusumba uko we aboneka.

52 Ni ikintu kiri muri twebwe, kirondera ikintu kinaka, vyerekana ko twatakaye. Dushaka kuronka ikintu coduhaza, cokwuzuza ico kinogo c'inzara kiri aho, ariko bigasa n'uko tudashobora kikironka. Abantu barabigerageje ibihe vyose. Barabiririye. Baravugije induru. Barakoze ikintu cose bashoboye gukora, ariko naho biri uko ntibakironse, bagumye bayerera hirya no hino kw'isi.

53 Amaherezo, umunsi umwe, wa munsi i Karuvariyo, hari ho Umwe Yaje Ava mu Bwiza. Umwe, w'Izina rya Yesu Kristo, Umwana w'Imana, Yaje Avuye mu Bwiza, hanyuma Karuvariyo Irabaho. Ni wo munsi ikiguzi carishwe, kandi ikibazo c'icaha cararangijwe burundu. Yuguruye inzira ija kuri ico kintu dufitiye inzara n'inyota. Yazanye ahantu ho guhagirizwa. Nta muntu yigeze kugendera Karuvariyo, akabona ukuntu isa, yoshobora kuguma ari wa wundi. Ikintu cose yigeze kwifuza canke kurondera cane, ahura naco, iyo ashitse aho hantu.

54 Wari umunsi uhambaye cane, n'ikintu gihambaye cane, ku buryo vyanyiganje isi. Vyanyiganje isi, uko itari bwigere inyiganzwa. Igihe Yesu Yapfira i Karuvariyo Akariha ikiguzi c'icaha, ino si y'ivyaha yinjiwe n'umwijima. Izuba ryarenze hakiri ku murango, ryari rikongatajwe no guta umutwe. N'ibitandara vyarasadaguritse, imisozi iranyiganyiga, imibiri y'abapfuye irava mu mva.

55 Mbega ivyo vyakoze iki? Imana Yagiye Itumbereye i Karuvariyo. Ikomeretsa ca gikoko, citwa Satani, ibihe vyose. Rero kuv'aho yaciye aba umubisha kurushiriza, kuko vyazanye Umuco ku bwoko muntu. Kandi umuntu wese arazi ko igikoko gikomeretse kiba kibi cane, kigenda cikwega hasi caravunitse umugongo. Rero Satani yarakubiswe hasi, i Karuvariyo. Isi yaremeje ko ari vyo.

56 Ikiguzi gihambaye cane cigeze kurihwa, kandi Umwe wenyene Yashobora kukiriha, Yaraje Arabikora i Karuvariyo. Aho niho ikiguzi gihambaye carihiwe. Ico ni kimwe muri ivyo bintu. Imana Yari yaragisavye. Ntawari abereye. Ntawari abishoboye. Ntawari ashoboye kubikora. Maze Imana Iraza, Ubwayo, Yigira umuntu, Ibaho ubuzima bw'umuntu, mu vyifuzo vy'umuntu, Irabambwa i Karuvariyo. Kandi aho, igihe Satani yiyumvira ko Atari kubikora, ko Atari kuvyihanganira, Yarihanganiye Getsemane na buri kigeragezo umuntu wese yigeze gucamwo. Yabiciyemwo nk'abandi bantu bose, ariko Yararishe ikiguzi.

57 Kandi ico ni co catumye isi yiraburanirwa. Isi yabaye nk'iyasinzirijwe, kugirango ibagwe. Iyo umuganga ateye umuntu umuti umusinziriza, abanza kumusinziriza, imbere yuko amubaga. N'igihe Imana Ya—Yabaga Ishengero, isi

yarasinzirijwe, ivyaremwe bitakaza ubwenge. Nta gitangaje! Imana, mu mubiri w'umuntu, Yariko Irapfa. Cari co gihe isi yari yararindiriye, yamara benshi muri bo ntibabimenye.

58 Nk'uko biri iki gihe, benshi bararorereye bino bintu, ariko n'ubwo biri uko ntibabitahura. Ntibabona uko bobivamwo. Baracariko baragerageza kurondera ibinezereza n'ibintu vy'isi, bagerageza kurondera uko babisohokamwo.

59 Harabayeho ibimenyetso vyinshi vyitangira imbere uwo munsi, ivyawerekana bikomeye vyinshi. Vyari vyarerekanywe n'umwagazi w'intama, n'ikimasa, n'intunguru, n'ivyo bintu vyose, ariko n'aho vyari uko ntivyashobora kugikuraho. Ntivyashobora gukuraho ububasha bw'urupfu, Satani yari afatishije isi.

60 Vya bitandara nyene yigeze kugendagendako, aduga amanuka kw'isi, biturira nk'amazuku! Rusiferi yari umwana w'umutwenzi, kandi yari yaragendagenze kw'isi igihe yari ikirunga caka umuriro. Ivyo bibuye nyene vyari vyarahoze, igihe Yesu Yapfa i Karuvariyo, vyarasokorotse biva mw'isi.

61 Igiciro cararishwe, maze ubuja bwa Satani burakurwaho. Imana Yarasubije mu maboko y'umuntu, uburyo bwo kugaruka ku co yariko ararondera. Ntiyari agisubira kurira ukundi. Yarakubise, igihe Yavuna itirigongo rya Satani hariya I Karuvariyo, itirigongo ry'icaha, ry'indwara! Vyashikanye buri kiremwa gipfa, kw'isi, gusubira mu Nyonga h'Imana, ivyaha biraharirwa. Haleluya! Ivyaha vyacu vyarahariwe. Satani ntakitugumiza mu mwiza kure y'Imana.

62 Hariho inzira yaciwe, hariho i terefone yashizweho, hariho umurongo wo kuvuganirako no mu Bwiza, umuntu wese arafise uburenganzira kuri uwo murongo. Nimba umuntu yuzuye ivyaha, waramuhuje n'icicaro gikuru, arashobora guharirwa ico caha. Si ivyo gusa, ariko ico caha caratangiwe ikiguzi. Oo! Ntibikenewe ko uvuga uti: "simbereye." Ata nkeka, ntubereye, ntushoboye kuba uwubereye, ariko Umwe Abereye Yarafashe ikibanza cawe, uridegemvya, ntugikeneye kuyerera ukundi, ntugikeneye kuba umuntu arondera umunezero aha kw'isi.

> Kuko hari Isoko yuzuye Amaraso,
> Yavuye mu mitsi ya Emanuweli,
> Aho Abanyavyaha bibijwe muri uwo mugende,
> Bakurwako ico ryose ry'ivyaha.

63 Ntibikiri ngombwa ko uzimira. Hariho inzira yagutse, be n'Inzira, yitwa Inzira y'ubweranda. Uwanduye ntayicamwo, kuko abanza guca muri ya Soko ubwa mbere, hanyuma akabona kwinjira muri iyo nzira yagutse.

64 Yarajanjaguye inkomezi za Satani, Yaruguruye imiryango y'ibohero ry'i kuzimu ku muntu wese yari yarapfungiwe muri iyi si mu mabohero, atinya ko niyapfa ico urupfu ruzoba kuri we, i Karuvariyo, Yaruguruye iyo miryango

y'ubusho, Abohora imbohe ziridegemvya. Ntimugitegerezwa kwongera guturubikwa n'icaha, ntimugitegerezwa kongera guhebera ingingo zanyu icaha, kunywa inzoga, kunywa itabi, gukina akamari, kubesha. Murashobora kuba inzirabugunge, abatunganye, kandi bagororotse, kandi Satani nta na kimwe ashobora kubikorako, kuko mwafashe umugozi, umugozi w'ubutabazi ushinze inanga muri ca Gitandara c'Ibihe, nta na kimwe coshobora kubanyiganyiza ngo kibakure kuri wo, nta miyaga ishobora kubanyiganyiza ngo ibakure kuri wo, nta na kimwe, ndetse n'urupfu ubwarwo ntirushobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo Yesu. Ico ni co Karuvariyo yasigura.

65 Abantu bari mu buja barabohowe. Abahora batinya urupfu ntibagishobora gutinya urupfu ukundi. Umuntu yipfuza cane Igisagara, ico umwubatsi n'umugezi waco ari Imana, arashobora gutambukira muri iyo nzira yagutse, maze agahanga amaso mw'Ijuru, kuko yidegemvya. Haleluya! Yaracunguwe. Ntibigikenewe ko asubira kuyerera, kuko hariho uburyo bwo kumenya ko uri mu kuri canke utari muri kwo. Imana Iduha Ubugingo. Ivyaha vyacu vyarakuweho. Urya munsi i Karuvariyo wararishe ikiguzi. Iyo tubonye ivyo vyose, ntibitangaje ko umunyavyese yanditse ngo:

> Hagati mu bitandara vy'amabuye vyariko birasadagurika n'amajuru acuze umwiza,
> Umukiza wanje Yarunamitse umutwe Aracikana.
> Igihuzu catabutse gihishura Inzira
> Ijana mu minezero yo mw'Ijuru n'umunsi utagira iherezo.

66 Aburahamu ntagitegerezwa kuyerera ukundi, mu gihugu cose, arondera igisagara. Umunyavyaha ntagikeneye kwibaza ukundi namba ashobora gukizwa canke atokizwa. Uwurwaye ntagikeneye kwibaza namba ashobora gukira canke atokira. Igihuzu catabutse, kuri urya munsi i Karuvariyo, carahishuye Inzira ija ku ntsinzi yuzuye. Imana Iraduha ubushobozi bwa Mpwemu WaYo, kugira ngo tubeho tunesha ibintu vyose; ico Idusaba gusa ni ukuvyizera. Ivyo vyabaye kuri urya munsi i Karuvariyo. Nta munsi wigeze ubaho umeze nkawo. Nta wundi uzokwigera ubaho nkawo. Ntibigikenewe ukundi. Ikiguzi cararishwe, kandi twaracunguwe. Imana Ishimwe! Twaracunguwe. Nta kundi gutegerezwa kuvyibazako. Nta kuvyibazako ukundi. Vyose vyarakuweho. Igihuzu carigijeyo icari gikingiriye, none turi mu nzira yagutse, ata kwibaza ibibazo ukundi, ariko ari ukwizera no kubandanya tugenda gusa. Tugenda dutumbereye neza na neza mu Nyonga z'Imana.

67 Aburahamu yari azi, n'abandi bari bazi, yuko mu gihe bariko barondera Igisagara, bari bazi yuko bakomoka Ahantu hanaka. Hariho ikintu cari carabaye. Bari babaye mw'isi

yamugaye. Nyamugigima zaraje. Ibihuhusi biraza. Intambara n'ubwicanyi! Ibingira n'umwagazi w'intama vyararyana, nako ibingira ryararya umwagazi w'intama, n'intare ikarya ikimasa. Ntibimeze neza. Hariho ikintu kitagenda neza. Yari azi yuko hariho ikitagenda neza. Abantu n'abavukana baricana; se arica umwana, umwana akica se. Hariho ikintu kitameze neza. Ariko arasaza. Ariko arapfa. Ariko araherengetera. Indwara iri kuri we. Ari mu buja. Ibiti birakura, ariko ntivyamaho. Birapfa. Imisozi irahinduka. Inzuzi zirakama. Amazi arabura. Hariho ikintu kitagenda neza. Yarondera ahantu, Igisagara aho ivyo bitashobora gushika ukundi. Yari azi yuko aramutse ashoboye gusubira mu Nyonga h'Umwe Yabitunganije, ko boshoboye kubivuganako na We.

68 Oo, mbega amahirwe ahari, munyavyaha, muri iki gitondo, kumenya ko waronse Inzira ubu. Wa munsi i Karuvariyo waruguruye inzira. Kuko ivyo bariya basogokuruza bose bahiga bakarondera cane, Karuvariyo yarabiguhaye, ku buntu. Ni gute ushobora kuvyanka? Ni gute ushobora kuvyanka, kugira ngo wifatanye n'idini? Ni gute ushobora kuvyanka, kugira ngo ubiguze ikintu kinaka, ibinezereza vy'isi? Kuki utovyakira? Igihuzu catabutse gisubiza umuntu mu Nyonga h'Imana, ata caha kimuriko, c'uburyo na bumwe. Kandi gishira inzira imbere yiwe, imushikana ku kintu ariko arondera: Ijuru, ubwiza, amahoro, Ubugingo Budashira, ibintu vyose biri neza na neza imbere yiwe.

69 Urya munsi wabaye i—inkoni y'injanamuntu ku bubasha bwa Satani. Wararangije vyose.

70 Ndashobora kuMubona hariya; Yari We wa mwagazi w'intama wo muri Edeni, muri ca gitutu ca mbere cawuserukamwo.

71 71 Igihe Abeli, mu kwizera, yashikanira Imana ikimazi ciza kurusha Kayini, ategerezwa kuba yaraboshe u—umuzabibu mw'izosi ry'umwagazi w'intama, akawukwegera ku gitandara. Afata i—ibuye mu kiganza, nk'icumu, aca ahotorera inyuma agatwe kawo gato, arawujanjagura yongera awutemagura gushika upfuye. Maze ubwoya bwawo bujobekwa n'amaraso yawo bwite. Woze mu maraso yawo. Cari igitutu.

72 Ariko kuri wa munsi i Karuvariyo, ntiwari umwagazi w'intama w'iyi si, ariko wari Umwagazi w'Intama w'Imana, Wariko Urapfa, Woga mu Maraso YaWo bwite. Yarajanjaguwe, Aratemagurwa, Arakubitwa, Acirwako amate, Akubitwa amakofe, Aramashurwa, n'ibindi vyose, abikorewe n'abisi, Amaraso ajojota ku mishatsi Yiwe.

73 Igihe wa mwagazi w'intama wa Abeli wapfa, wapfuye, uriko uvuga mu rurimi Abeli atashobora gutahura. Wariko urabira.

74 N'igihe Umwagazi w'Intama w'Imana Wapfira i Karuvariyo, Wavuze mu rurimi ata muntu n'umwe yaWutahuye. "Mana

YaNje, Mana YaNje, ni igiki kiKuMpebesheje?" wari Umwagazi w'Intama w'Imana, Wajanjaguwe mu bimanyu, Wakataguwe.

75 Yari wa Mwagazi w'intama nyene Abeli yari afise mu vyiyumviro, igihe yabona rwa Ruvyaro rw'umugore rwasezeranywe. Yari wa Mwagazi w'Intama Daniyeli yabona, wakuwe ku musozi, ata kuboko kubikoze. Yari ca Kigurudumu cinjira mu kindi gikurudumu, kubw'umuvugishwa. Ivyo bari barabonye vyose imbere vyarashitse kuri urya munsi, wa munsi i Karuvariyo. Nivyo vyazanye ico kintu gihambaye. Nivyo vyavunye Satani umugongo.

76 Ubwa mbere, dukwiye kurondera ico urya munsi wasobanura. Ubwa kabiri, dukwiye kuraba ico urya munsi wakoze kuri twebwe, ubu, ico wadukoreye. Rero, ubwa gatatu, reka turabe ico dukwiye gukora kubw'urya munsi. Mbega dukwiye gukora iki?

77 Ubwa mbere, dukwiye kuvyihweza, kuko ari umunsi uhambaye, uhambaye kurusha iyindi minsi yose. Ikiguzi c'Icaha cararishwe. Inkomezi za Satani zarajanjaguwe.

78 Ubu naho dushaka kuraba ico dukwiye gukora ku ruhande rwacu. Rero, ku ruhande rwacu, igihe Yesu Yapfira i Karuvariyo, i Karuvariyo wa munsi, ntiYarishe gusa ikiguzi c'ivyaha vyacu, ariko Yararishe ikiguzi Yongera Aca inzira kugira ngo dushobore kuMukurikira; kuko twebwe, nka ba Adamu baguye maze bagacungurwa. Nk'uko Mpwemu Yarongora Adamu (Adamu wa mbere) kubwa Mpwemu, yaganza ivyaremwe vyose, maze natwe (Adamu wa kabiri), canke abantu bo kw'isi bacunguwe na Kristo, kuva wa munsi w'i Karuvariyo, turashobora kuMukurikira. Rero, igihe Yapfa i Karuvariyo, Yaraciye inzira. Yaratanze Mpwemu, Mpwemu Yera, ni muri ubwo buryo Yongeye kuMurungika kw'isi kubwawe nanje kugira tubeshweho na We. Ico ni co Karuvariyo isigura kuri twebwe, kuMukurikira.

79 Ubwa mbere, muvyitegereze, murabe ico vyakoze kuri twebwe. None ubu twobikorako iki ivyo? Ni igiki wewe nanje dutegerezwa gukora?

80 Turavuga duti: "Ego, nda—ndabishima. Ni vyiza cane." Ariko dutegerezwa kuvyemera. Kandi kuvyemera, ni ukwemera Umuperesona wiWe, Kristo mu mitima yacu.

81 Rero, twarabohotse ku caha, kubw'ivyo nta minyororo y'icaha idufashe, na gato. Imana, ni nk'aho tutigeze dukora icaha, Ikimazi gitunganye catugize abatunganye. Kuko, Yesu Yavuze Ati: "Ni mube agahore nk'uko So wo mw'Ijuru Ari agahore." Rero, nta kindi kigisigaye co gukora, ariko tugirwa abatunganye mu Nyonga h'Imana.

82 Rero, aho niho dutakariza ikibanza cacu. Tutaravye neza, tugerageza gusubiza amaso inyuma kuraba ico twahoze turi. Kandi igihe cose tugisubiza amaso inyuma ku co twahoze

turi, Ikimazi ntaco kiba kivuze kuri twebwe. Oo, mbega ntimushobora kubibona, ga shengero? Sino. . . sinogerageza ico gikorwa. Sinobishobora, kandi namwe ntimwobishobora. Nta n'akamaro ko kugerageza. Mwarazimiye, ubwa mbere hoho, igihe cose mukiraba ivyo mwakoze. Ariko ntimurabe ivyo mwakoze.

83 Nimurabe ico wa musi i Karuvariyo wabakoreye. Wararishe ikiguzi canyu. Waraheraheje ikibazo. "Ivyaha vyanyu naho vyoba tukutuku; birera nka shelegi. naho vyotukura nk'agahama; birera nk'ubwoya bw'intama y'umwero." Rero nta caha mugira. Nta caha mugira na mba. Ivyo mwoba mwarakoze vyose, canke ivyo mukora, muguma ata caha mufise. Igihe cose wemeye Yesu Kristo nk'Umukiza wawe, ivyaha vyawe biba bihariwe. Ikintu cose *kibabariwe* kiba "gihebwe kandi cibagiwe."

84 None ivyo bifise ingaruka ki? Biguha, inyuma y'ukuzuza ico gisabwa, Mpwemu WaYo, kuMukurikira, no gukora nk'uko na We Yabikoze, ku bandi bazokurikira. Yari Umuntu umwe gusa, Umuntu Atunganye. Yatanze ubugingo bwiWe, kandi Yaraguhaye akarorero. None dutegerezwa gukora iki?

85 Ubu, ikintu ca mbere nshaka kuvuga, n'uko Yesu Atigeze Abaho kubwiWe. Ubuzima BwiWe bwabereyeho abandi. Ubwo ni bwo, Bugingo Budashira, mu buryo butunganye. Iyo uvuga ko uja mu rusengero, ugakora ibikorwa vyiza, ivyo ni vyiza. Ariko iyo ubayeho kubwawe, ntuba ufise Ubugingo Budashira. Ubugingo Budashira, ni ukubaho kubw'abandi. Nico Bwemeje hamwe Bwaza mu Mwagazi w'Intama w'Imana. Yarabayeho, kandi Yari Afise Ubugingo Budashira, kuko Atabayeho ku bwiWe. Yabayeho kubw'abandi. Mwakira Ubugingo Budashira, mu kwakira urya munsi, kandi ntuba ucibereyeho ubwawe ukundi. Ubaho kubw'abandi.

86 Umuntu umwe yavuze ati: "Ni gute ushobora guhagarara, ukareka umuntu wese akakwita uko yishakiye?" Ntubaho kubwawe. Ubaho kubw'abandi, kugira ngo ucungure uwo muntu. Muhinduka abana. Kandi ikibazo cavyo n'uko, ishengero ryibagiye ko ari abana. Uri umwana. Ufata ikibanza ca Kristo. Uri umwana, rero ntubeho kubwawe. Baho kubw'abandi.

87 "Erega, Mwene Data Branham, noshobora kubaho kubw'*uyu* mwene Data, kuko ata nkeka ni umuntu mwiza." Si ivyo.

88 Baho no kubw'uwo muntu akwanka. Baho kubw'uwo muntu yoshobora kukwica hamwe yobishobora. Ivyo ni vyo baMukoreye. BaraMwishe, Arapfa, kugira ngo Ashobore kubakiza. Ubwo ni bwo Bugingo Budashira. Igihe, wewe, ivyo biri i bwina mu mutima, uba uriko uraja mw'Ijuru rero. Ariko uraheba ibintu vyawe, ukabiheba, nk'uko intama itanga ubwoya bwayo. Uraraba, werekeza i Karuvariyo.

89 Nizere ko ibi bibafasha gushika ahantu. Ivyo ni vyo iri hema, ni vyo abantu bose, bategerezwa gukora, ni ukumenya ico uri, n'intumbero iyo ari yo. Ishengero, si ukuja mu rusengero gucuraranga umuziki gusa, kuririmba indirimbo. Ishengero ni ahantu ho gukosorerwa. "Urubanza rutangurira mu nzu y'Imana."

90 "Tubwirizwa kwifata nk'abapfuye, ariko turi bazima muri Kristo." Hanyuma, Yaciye inzira kugira ngo dushobore kwitangira igikorwa ciWe, tuMukurikire. Iyo tuMukurikiye, tubaho bwa buzima na We Yabayeho. Ivyo ni vyiza bihebuje.

91 Yesu Yaravuze, Yarabivuzeko. Reka ndabahe ivyavuzwe bike kuri ivyo. Umviriza neza. Ntibibacike. Yesu Yavuze ko, kuri wa Munsi Yorobanuye abantu, nk'uko barobanura intama n'impene. Kandi ko Yobwiye impene Ati: "Hagarara ibubamfu." Intama nazo Ati: "Hagarara iburyo."

92 Maze Abwira impene, Ati: "Mva i ruhande. Kuko, Nari Nshonje, ntimwaNgaburira. Nari mw'ibohero, ntimwaza kuNdaba. Nagenda gusa, ntimwaNyambika. Nari nyotewe, ntimwaMpa ico kunywa. Nari Ndwaye, ntimwaza kuNdaba. Rero, Mva i ruhande."

93 Kandi ku ntama, Yavuze ati: "Nari Nshonje, muraNgaburira. Nagenda gusa, muraNyambika. Nari Ndwaye, muza kuMfasha."

94 Ni mwihweze. Ntimubure kubona ibi, shengero. Bika ibi mu mitima yanyu, ibihe vyose. Babikoze batabizi! Abantu ntibababikora nk'ico bategerezwa. Umuntu aguha ikintu canke ikindi, kuko ategerezwa kubikora, umuntu akugaburira kuko ategerezwa kubikora, ariko afise iciyumviro co kwikunda. Vyari bikwiye kuba ubuzima bwanyu, ibikorwa vyanyu nyene.

95 Vyaratangaje izi ntama cane, gushika aho bavuga bati: "Mwami, ni ryari Wari Ushonje? Maze ntitwaKugaburira . . . Ni ryari Wari Ushonje, turaKugaburira? Ni ryari Wari gusa, tukaGuha impuzu? Ni ryari Wari Unyotewe, tukaGuha ivyo kunywa? Ni ryari Warwaye, tukaza kuGufasha?"

96 Vyava mu rukundo ukwo nyene, Ubugingo bwaWe bwaba muri bo. Mana, reka abantu babone ivyo Karuvariyo yadukoreye, vyikore uko nyene.

"Vyabaye ryari, ga Mwami? Ntitwigeze tubimenya."

97 Raba Yesu ico Yahindukiye Akavuga: "Incuro zose mwabigiriye aba, ni Jewe mwabigiriye."

98 Ubuzima bw'ukutikwegerako; atari iciyumviro ca kabiri. Atari ukuvyiyumvirako; ariko uba warapfuye cane ku bintu vy'isi, maze ukaba muzima rwose muri Kristo, ukagendera mu nzira yagutse, ku buryo ivyo bintu ari ibintu vyikora ubwavyo. Urabikora gusa. Atari ukuvuga ngo: "Umwami Yoshaka, Umwami Ashaka ko nkora ivyo." Si ivyo. Uri urugingo

rwiWe gusa. Mpwemu WiWe Ari muri wewe, kandi ukora uko Yakora. Ha! Ndabitahuye.

99 "Hariho inzira umuntu yibwira ko ari nziza, ariko amaherezo yayo ari inzira ishikana mu rupfu."

100 "Umuntu wese aMvumereza ati: 'Mwami, Mwami' si we azokwinjira, kiretse ukora ivyo Data Agomba," bivuye mu mitima yabo gusa, atagahato.

101 Rero, urya munsi i Karuvariyo wararishe ico kiguzi, kugira ngo dushobore kumera gutyo.

102 Atari ukuvuga ngo, "Urabizi, umupfakazi Jones igihe kimwe yari. . .Nta makara yari afise, nca ndagenda ndamugurira amakara. Ndakubwire, narabonye Mwene Data yari akeneye impuzu, nca ndagenda ndamugurira impuzu. Imana Ihezagirwe! Ndi Umukristo." Oo, bagenzi! Wa muntu wikunda, ukenye, mutindi we. Uri indyarya.

103 "Ntureke ngo ukuboko kw'iburyo kumenye ivyo ukuboko kw'ibubamfu gukora, n'ukuboko kw'ibubamfu ngo kumenye ivyo ukuboko kw'iburyo gukora." Uri uwapfiriye muri Kristo gusa, gushika aho ubikora, uko biri kwose. Ni kamere yawe. Ni ko uremwe. Urabikora, uko biri kose. Ni ubuzima bukubamwo gusa. Wariyeguriye rwose uwo Mpwemu, kandi Yibera ubwiWe muri wewe. Oo, murumva Iyo Mpwemu Ihezagiye, ubwo Bugingo! "Si jewe nkiriho," niko Paulo yavuze, ati, "ariko ni Kristo Ariho muri jewe," mu buryo bwikora.

104 "Ego, ndakubwiye, Mwene Data Branham, turi Abakristo ng'aha. Turafasha *aba* bantu. Turafasha *bariya* bantu." Oo, bagenzi! Murateye isoni. Ubwo si bwo Bukristo.

105 Ubukristo ni ibintu vyikora. Bitegerezwa gukorwa. Hanyuma ugaca uvyibagira, vyose, "Si jewe." Genda, ubikore.

106 Kristo Yahebeye Imana ubuzima bwiWe bwose. Yaritangiye abantu ubwiWe, nk'umukozi wa bose. Yatanze ubuzima bwiWe, ata gahato. Ntiyategerezwa kubikora. Ntiyabikoze atabishaka. NtiYavuze Ati: "Rero, bene Data, mwese mukwiye kuNyiyumvirako cane, kuko Naje kubapfira." Ntaco Yigeze Abivugako. Yarapfuye, uko biri kwose, kuko Imana Yari muri We.

107 Ni Imana muri wewe, ni Imana muri jewe, Ituma turaba abandi. Intama, ku rundi ruhande.

108 Umwe muri bo azovuga ati: "Erega, Mwami, narakoze *ibi*. Mwami, narakoze na *biriya*."

109 Yavuze ati: "Mviraho, mwa bakora ibizira mwe. Nta ho Nigeze Ndabamenya."

110 Hamwe ishengero ryoshobora gushikira ivyo bintu vy'ishingiro, yuko atari ikintu ugerageza gukora, wikorera ubwawe. Ni ikintu cavukiye muri wewe.

111 Umbabarire, mugenzi wanje Mupentekoti. Nanje ndi Umupentekoti. Ariko abagenzi banje b'Abapentekoti bageze ku rwego, aho bisaba u—umuziki mwinshi wihuta, umurwi w'abacuraranzi uririmba, canke bakoma amashi, canke udushako tw'ingoma, kugira humvikane akamo. Ivyo ni ibishobisho gusa. Bavuza inzumbeti mu migwi y'abacuraranzi imbere yuko baja mu rugamba. Bakinjiza abantu mu cuka c'intambara. Ndemera ivyo kuririmba. Ndemera ivyo gukoma amashi. Ariko ndemera ibi bintu. Ukwo ni ukuri. Dutegerezwa kuba tubifise.

112 Ariko mwwararetse gukora ibintu bihambaye, ni bwa buzima bwo kwiheba ko Imana Ibabamwo, mugakora ibibereye kuko ari ibibereye vyizana. Mukabandanya gusa, mutanavyiyumvirako. Mubibamwo gusa. Rero witegereze, urabe ibiriko biraba. Wewe. . .ntu. . .Uri mu nzira yagutse. Ico nico Karuvariyo yakumariye, mu nzira yagutse, yuguruwe kubwawe uwo munsi.

113 Ubu, rero nimwibuke, ntimushobora kuba igice kimwe impene ikindi intama. Ntibivangana.

114 Hariho abantu benshi bavuga bati: "Ego, uzi n'amakuru? Turafise ukwitunganya mu murwi wacu. Twebwe, turafasha abakene. Turakora *ibi*." Ivyo vyose ni vyiza, ariko muravyirata. Ntimugakore ukwo.

115 "Ufashe mu mpisho," niko Yesu Yavuze. Birikora ubwavyo, ni ikintu kuri wewe, kimeze nko kuja kunywa amazi. Iyo unyotewe. Nimba umuntu ari iruhande yawe anyotewe, uramwiyumvirako, na we nyene. Ico uwuri iruhande yawe akeneye, umwiyumvireko nk'uko wobikoze ari wewe ugikeneye. Kandi ntunavyiyumvireko cane. Bibemwo gusa.

Rero, ntushobora kuba igice kimwe intama ikindi impene.

116 Kubw'ivyo rero hamwe wovuga uti: "Yemwe, ishengero ryacu rirafise uko ritunganijwe. Turafasha abakene, tugakora *ibi*, tugakora *biriya*, tugakora n'*ibindi*."

117 Hamwe mwogira ivyo gusa ntimugire n'ivyo bindi, Ubugingo bwa Kristo muri mwebwe, muriko muruhira ubusa gusa. Yesu. . .Paulo yavuze, mu Cete ca mbere c'Ab'i Korinto 13 ati: "Naho notanga ivyanje vyose, ngo ngaburire aboro, kandi naho notanga umubiri wanje ngo uturirwe nk'ikimazi, ntaco vyomarira."

118 Rero, ibi biragoye, ariko ni Ukuri. Mutegerezwa gushikira ico kintu, gutahura ico Karuvariyo yabagiriye. Turavyitegereza, tukavuga duti: "Oo, ego, ivyo ni vyiza." Si vyo. Nimba uwo Mwana w'Imana Yategerejwe kuja i Karuvariyo, kugira ngo Abambwe, umwana wese aje kuri We ategerezwa kuja i Karuvariyo. Ategerezwa na we nyene kugira i Karuvariyo. Utegerezwa kuronka wa munsi i Karuvariyo. Ntegerejwe kuronka wa munsi i Karuvariyo. Ico nico kirangiza ikibazo c'icaha. Atari ukuramukanya n'umuvugabutumwa; si uguhabwa

ukuboko kwo kwinjizwa mw'ishengero; si ukwinjizwa biciye kw'ikete; si ukwinjizwa n'ico ukora. Ariko winjira biciye kw'Ivuka. Ntiyigeze Atanga ikete. Ntiyegeze atanga umwuga. Yatanze Ivuka. Uko ni ko twinjira. Maze, inyuma y'ivyo, twisanga tubayeho ubuzima Rukristo.

119 Rero, ikindi mwogabako. Igice impene, igice intama, nta kintu nk'ico bafise. Mwo kimwe uri impene canke uri intama. Nturi igice impene n'ikindi gice intama. Uri kimwe muri ivyo, impene canke intama.

120 Rero, namba ukora ivyiza, ukiyumvira ko ushobora kwinjira, kubw'ivyo, muri ico gihe rero umunsi w'i Karuvariyo ntiwari ukenewe. Ivyagezwe nivyo vyabizanye. Ariko, kubera vyasavye ko haba umunsi i Karuvariyo, kwari ukuzana ivyo, kugira ngo ntitube gusa abanywanyi b'ishengero, ariko tube abahungu n'abakobwa b'Imana. Ico ni co wa umunsi w'i Karuvariyo wari. Ni co usigura kuri wewe, kugira ukore, ukurikire, kandi ukore nka Yesu.

121 Uruzi ntirutemba ruduga rwongera rumanuka, mu gihe kimwe. Uruzi rufata inzira imwe gusa. Na Mpwemu w'Imana Ajana inzira imwe gusa. NtiYivanga n'ibindi bintu. Ajana ya nzira nyene.

122 Mwitegereze Yesu, mu guheraheza. Yesu Yavuze Ati: "Ibikorwa Nkora namwe muzobikora, muzokora n'ibibiruta, kuko Ngiye kwa Data."

123 Sindiko mbarira vy'umwihariko iri shengero riri hano. Murabitahura. Ariko ubu Butumwa burafatwa ku mabande. Ibihumbi n'ibihumbi barayumviriza, kw'isi yose.

124 Ngiye kwishura kiriya kibazo ku banegura, ubu nyene. Navuzwe kenshi. . . navuze. Bavuga bati: "None, urizera Bibiliya? Yesu Yavuze Ati: 'Ibi bikorwa Nkora namwe muzobikora, muzokora n'ibiruta ibi, kuko Ngiye kwa Data.'"

125 Ushobora kuba mubi kugeza he, mushingantahe? Ushobora gute kubura ubushishozi kugeza hiyo, na za teworojiya zawe z'ubwenge, n'intahuro yawe wiha mu mutwe y'ikintu cose? Mugenzi mukundwa wazimiye, nturuha utahura yuko iyi Bibiliya isobanurwa mu buryo bw'impwemu?

126 Yesu Yarashimiye Data ko YaBihishije abize, inkerebutsi, abanyabwenge n'abitonda, IkaBihishurira inzoya ziteguriye kuja i Karuvariyo.

127 Rero murabe. Yesu Yarabivuze. Raba ingene Yabivuze. "Ibikorwa Nkora," n'ubu ariko Arabikora. "Ibikorwa Nkora ubu, gukiza abarwaye, kuzura abapfuye, guhumura amaso y'impumyi, ibi bikorwa muzobikora namwe. Muzobikora namba muNyizera. Muzokora ibi bikorwa. Hanyuma rero muzokora n'ibibiruta, kuko Ngiye kwa Data."

128 "Hasigaye igihe gito, isi ntibe ikiMbona, ariko mweho muzoMbona. Nzobana namwe, mbere no muri mwebwe, kugeza ku muhero w'isi. Sinzobasiga nk'impfuvyi. Nzosaba Data; Azobarungikira uwundi Mwitsa, Ari We Mpwemu Yera, Uwo isi idashobora kwakira; yamara, mweho murashobora kuMwakira."

129 Rero mwitegereze. Ibikorwa "biruta", kwari ukuronka Ubushobozi mw'Ishengero, atari ugukiza abarwaye kubw'amasengesho gusa, gusenda amadayimoni kubw'amasengesho, ariko no gutanga Ubugingo Budashira ku bizera. Mpwemu Yera Yari Agiye kuza, no gushirwa mu minwe y'Ishengero, kugira ngo Atange Ubugingo. Oo! Ni vyo Karuvariyo yasigura. Yafashe abagore n'abagabo ataco bamaze, bataye agaciro, ibaduza ku rugero rw'aho, baba abahungu n'abakobwa b'Imana, ngo bakize indwara bongere batange Ubugingo Budashira; mu guha Mpwemu Yera abizera bumvira, abantu bahoze ari abatizera, bakagirwa abizera, no gutanga mu buryo bw'impwemu, Ubugingo Budashira.

130 Ukuntu bihambaye cane kuruta: Kuvuga ngo: "Uyu mugore arwaye aryamye ng'aha, ndashobora gusenga isengesho ryo kwizera agakira," ico ni ikintu gihambaye, ivyo ni vyo Yakora ico gihe; "ariko," niko Yavuze, "muzokora n'ibibiruta; nzobaha Ubushobozi, atari ubwo kumuzura ivy'akanya gato gusa, ariko bwo kumuha Ubugingo Budashira, buzoba Ubuhoraho, ibihe vyose."

131 Aboro, impumyi, abatindi, mbega ivyo mubihusha gute? Mbega ntimubona "ibibiruta" ico ari co? Ni ikintu gihambaye coshoboye gushika, ni ugutanga Ubugingo Budashira ku bantu. Ubugingo budashira ni iki? Bwa Bugingo Yabayeho, Bwa Bugingo bwari muri We, kuBuha abandi. Mbega umuntu yoshobora gukora ivyo? Umwana w'Imana arabishobora.

132 Yesu Yavuze Ati: "Kandi abo muzoharira ivyaha bose, bazoba babihariwe; ariko abo mutazobiharira bose, bizobagumako."

133 Aha rero niho ishengero Gatolika n'ayandi menshi bakoreye amakosa ahambaye. Baragenda bakavuga bati: "Ndaguhariye ivyaha vyawe." Ntivyari ivyo.

134 Mbega bahariwe ivyaha gute, muri Bibiliya? Petero yarishuye ico kibazo ku munsi wa Pentekote. Bavuze bati: "Mbega twokora iki ngo dukizwe? Tworonka gute Ico mwebwe mwese mufise?" Yarabandikiye umuti. Yarababwiye ico bokora.

135 Yavuze Ati: "Ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo." Kubw'iki? Guharirwa ivyaha vyanyu. Ng'ivyo vya bikorwa "bibiruta."

136 Mbega ni bangahe, mwebwe bavugabutumwa muri iki gitondo, ni bangahe, mwumvirije Ijambo ryanje kuri bande, mwipfuza kuja i Karuvariyo iki gitondo? No kuraba ico Imana Yabakoreye hariya. Muhebe za nemera z'idini, mwigishe

Ubutumwa Bwiza. Haleluya! Biri ku bibero vyawe aka kanya. Mbega ugiye kuBikoresha iki?

137 "Kuko ukwihana n'uguharirwa ivyaha bitegerezwa kwamamazwa mw'Izina ryiWe, kw'isi yose, uhereye i Yerusalemu." Haleluya! Icubahiro! Ng'ivyo.

138 Mbega Karuvariyo isigura iki kuri wewe? Mbega uwo munsi wakumariye iki? Wakwujuje teworojiya? Wakugize umuntu ahambaye? Canke wakugize umuKristo, umuntu yarihiwe ikiguzi? Haleluya!

139 Icaha, carahariwe! "N'ibibiruta muzobikora." Murabona "mu" abo ari bo, siko? "N'ibikorwa biruta ibi," guharira ivyaha, mw'Izina rya Yesu Kristo.

140 Ariko ni kubwa za nemera n'amadini, n'ibindi, muhambiririwe ahantu aho, mukibandanya mukorera isi. Mbwira umugabo n'umwe, mbwira umugore n'umwe, ashobora kuza i Karuvariyo maze akagerageza kuba umuntu ahambaye kuko hari umuntu yavuze ikintu kinaka. Mbwira aho ushobora guhanga amaso Karuvariyo, mu muco wayo nyawo, wa munsi w'i Karuvariyo. Mbega woshobora gute kugira umunsi wawe i Karuvariyo, hanyuma ugasohoka uri umuntu yikakisha? Ni gute ushobora gusohoka uri igikoresho c'idini rinaka, hanyuma ukigisha inyigisho zakozwe n'umuntu? Kuki bitagucisha bugufi kw'Ijambo ry'Imana? Uramutse ushoboye kujayo, uzovayo uciye bugufi. Ni gute woshaka kuba umuntu ahambaye mw'idini ryawe, ugahabwa ivyubahiro, mu gihe Yesu Kristo Umwana W'Imana Yicishije bugufi akajanjagurwa umubiri, agacirwako mu maso, gushika ku kumaramara no gukengerwa? Bamukuye impuzu, baraMubamba, imbere y'isi. "Abona ko isoni ari ubusa." Woshobora gute kuja i Karuvariyo ukavanayo ikintu gitangukanye n'uko Yari, isoni, ubumaramare?

"Oo," uvuga uti: "Boca banyirukana." Bareke bakwirukane.

141 Ironkere wa munsi i Karuvariyo wawe, Imana Izojana nawe. Reka Nongere ndabisubiremwo. Ironkere wa munsi i Karuvariyo wawe, Imana Izojana nawe.

Reka dusenge.

142 Mwami, Oo Mana, tujane twese i Karuvariyo ubu nyene. Reka tuje kure yacu ubwacu, Mwami, y'ubwoba bw'abantu, y'ubwoba bw'ico uwundi muntu azovuga. Ego, isi yose yaraMutwenze, yaraMushinyagurije. Ariko We Yaragamburutse, gushika ku rupfu. Yaragamburutse, kugeza aho Amaramara. Yaragamburutse, n'imbere ya reta.

143 Kandi turatahura yuko igihe Satani yakubita iyi si, yaciye aba umutware n'uwuganza muri iyi si. Yarabishingiye intahe imbere y'Umwami Wacu, avuga ati: "Ubu bwami bwose ni ubwanje. Nzobukoresha ico nzoshaka." Kandi turatahura yuko,

kuva ico gihe kushika ubu, iyi si, iri munsi y'umuvumo, yaganjwe n'uwayivumye.

Ariko, Mana, O Mana, twebwe dukorera Ubwami butavumwe.

144 Mana Data, ese ukuntu ari vyiza cane, kuba Wakoze ibintu bihambaye mu—mw'isi y'amareresi uno munsi. Ukareka aya mareresi ahambaye, nka ya *Mabwirizwa Cumi*, n'ibindi, agakorwa kugira ngo bitume abagabo n'abagore babona, abatanashobora no gutumbera mu muryango w'urusengero, ariko babone ivyo ari vyo. Inzira y'Imana ni inzira yanswe, n'isi. Kuko tumeze nka. . .Turaja mu Burusiya buri musi y'ubukomunista.

145 Turi muri iyi si, ariko ntituri ab'iyi si. Twaragiye i Karuvariyo. Twaribamvye, kubw'Ubwami bw'Imana, tube abo mubiWe. Ivyo isi yovuga ntaco bitwaye, dufatana inzira n'inkehwa zikengeretse z'Umwami. Tubandanya tuja mw'izuka, kandi turizera yuko ivyo vyegereje cane, Mwami, gushika igihe tuzozukira mu Bwami buzoganza iyi si. Nk'uko Daniyeli yavyeretswe, vyarajajanguye isi yose, iba nk'umuguruka, hanyuma umuyaga urawugurura nk'imbuga bakubitirako ingano mu gihe c'ici. Ariko, uwo musozi, iryo Buye ryaciye rikura riba umusozi muniniya cane wuzuye isi. Iryo Buye rizoza. O Mana, dukeneye kuba igice caryo. Reka twiyanke, twikorere umusaraba wacu buri munsi, tubeho kubwa Kristo, tubeho kubw'abandi. Ubiduhe, Mwami.

146 Hariho bamwe ngaha kino gitondo, bataMuzi nk'Umukiza, kandi bipfuza kwibukwa mu masengesho yo gusozera, bipfuza ko uwu uba umunsi wabo i Karuvariyo, mwoshobora kuduza ibiganza, mukavuga muti: "Nsengera, Mwene Data Branham. Ndashaka kuMumenya nk'Umukiza Wanje." Imana Iguhezagire, musore. Uwundi? Imana Iguhezagire, mwene Data hariya inyuma.

147 Hoba hari uwundi? Vuga uti: "Ndashaka kuMumenya. Ndashaka ko uyu uba umunsi w'i Karuvariyo, kuri jewe. Ndarwaye, ndarushe. Vyomarira iki kuguma nzunguruka ngaha mfata mininerwe ico kintu navukiye gukora? Navutse, navukiye kuba umwana w'Imana, none ng'aha numiye ku bintu vy'isi. Mana, reka mbambwe ku musaraba uno munsi. Reka nibambe, uno munsi, n'ivyiyumviro vyanje, kugira ngo mbane na Kristo, mbeho kubw'abandi. ntaco bitwaye ivyo bongirira vyose, kuntwenga, kuntoteza, no kumvuga nabi, n'ibindi, reka gusa nce bugufi hose, nitonde, nk'umwagazi w'intama, nk'uko Yabikoze. Umunsi umwe, Yasezeranye kunzura, kuri wa Munsi w'iherezo. Ndarindiriye uwo Munsi." Hoba hari ayandi maboko yoduzwa? Imana Iguhezagire hariya inyuma, na wewe. Ni vyiza. Abandi . . . Imana Iguhezagire. Imana Iguhezagire. Abandi, imbere yuko dusenga.

148 Data wa twese Uri mw'Ijuru, haravuzwe, igihe Petero yigisha ku Munsi wa Pentekote, ngo: "Abizeye bose bongewe kw'Ishengero." Barizeye vy'ukuri n'imitima yabo yose. Bano bantu bahejeje kuduza ibiganza vyabo, ndizera yuko bizeye n'imitima yabo yose. Kandi nimba bizeye, hariho ikidengeri c'amazi ari hano. Bashaka ko ivyaha vyabo biharirwa. Hari umuntu hano ashobora kubabatiza muri rya Zina, kandi iryo ni ryo Zina ryonyene ririho munsi y'Ijuru ryahawe abantu, dushobora gukirizwamwo.

149 Kuko, nk'uko nasubiyemwo Ivyanditswe mu kanya gaheze, yuko, "Ukwihana no guharirwa ivyaha bikwiye kuvugwa mw'Izina ryiWe, mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu." Kandi i Yerusalemu, igihe ukwihana no guharirwa ivyaha vyigishwa, intumwa zababwiye ibijanye n'Ivyanditswe, bavuga ko bakwiye "kwihana, ubwa mbere, hanyuma bakabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo." Ico ni igikorwa c'umuvugabutumwa. Kugira ngo bihane, na we ababatize kubwo uguharirwa ivyaha vyabo. "Abo muzoharira ivyaha bose, bazoba babihariwe; abo mutazobiharira bose, bizobagumako."

150 Data, ni gute isi yagiye mu bintu vy'urudubi nk'ivyo? Kuki batokwizera Ubutumwa bwiza bwiyoroheje? Baranazana, kuri ico, ibisubirira: amazina atari yo, umubatizo utari wo, imibatizo ya Mpwemu Yera itari yo, kuramukanya n'abakozi b'Imana, gukoresha ivyubahiro vya Data, Umwana, Mpwemu Yera, bitigeze biba mu Vyanditswe; igitabu cakozwe n'abagabo b'Abaroma, atari inyigisho z'Abakristo ataho ziri na hamwe muri Bibiliya. Uguharira ivyaha ntivyoharirwa biciye mw'izina ry'icubahiro, ariko biciye mw'Izina rya Yesu Kristo.

151 Ubu, Data, turazi ko bidakundwa n'abantu benshi. Inzira zaWe zamye ari ukwo. Ariko reka abagabo n'abagore, iki gitondo, baze kuri wa munsi, wa munsi i Karuvariyo. Aho Yesu, Yakengereye wa munsi, ubwo bumaramare, gukurwa impuzu, kujanjagurwa, gucirirwako amate, gushinyagurizwa; n'isi yose, n'ishengero, n'abantu botegerejwe kuMukunda. Kandi, n'ubwo biri uko, muri ivyo vyose, ntiYakuyeko umunwa, Aragenda Apfira abo bantu bariko baMushinyaguriza.

152 Mana, tujane i Karuvariyo iki gitondo. Kandi nibavuga ko turi abasazi, bakavuga ko twatahuye nabi Ivyanditswe, ico bashaka kuvuga cose, Mana, ntibashobora guhagarara mu Nyonga z'Imana ngo bavuge ko ari ikinyoma.

Ntibashobora gupfukisha ivyaha vyabo Bibiliya. Bibiliya Ishira ahabona ivyaha vyabo: ukutizera kwabo; kuba ba rurangiranwa; gukora nk'abandi bose. Reka baze i Karuvariyo iki gitondo.

153 "Kandi guhera i Yerusalemu; ukwihana n'uguharirwa ivyaha bitegerezwa kwigishwa mw'Izina ryiWe mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu."

Reka bafate ya ntambwe nyene yo kubambwa kugira bajanjagurwe; bacirweko amate; bashinyagurizwe; maze bitwe ikintu cose bashobora kwitwa mu bijanye no kuba intagondwa z'idini; abasambura amashengero; ivyo bobita vyose.

Ese twebwe, Mwami, iki gitondo, twofatana inzira na za nkehwa z'Umwami z'inkengerwa. Ese twogenda nk'uko intumwa zagenda, badatambamira iburyo canke ibubamfu, tugakorera Imana bivuye i bwina mu mitima yacu. Bituronse, Data.

154 N'uko, ukize abarwaye n'abananiwe baje mu murongo wo gusengerwa. Ese abadugije ibiganza vyabo, mu mitima yabo, bokwihana, ubu nyene. Ese abo bagumye bahagaze inyuma umwanya muremure cane, bokwegera n'ingoga ku mazi bagaharirwa ivyaha vyabo mw'Izina ry'Ikimazi, Yesu Kristo, Umwana w'Imana. Amen.

> Hariya ku musaraba aho Umukiza wanje Yapfiriye,
> Aho natakambiye ngo nozwe ivyaha;
> Niho Amaraso yankoreye ku mutima;
> . . . ryiWe rihimbazwe.
>
> Izina ryiWe rihimbazwe!
> Oo, Izina ryiWe rihimbazwe!
> Oo, niho Amaraso yankoreye ku mutima wanje;
> Izina ryiWe rihimbazwe!
>
> Nakijijwe ivyaha mu buryo butangaje cane, (Gute?)
> Yesu Yangerereyemwo mu bwiyoroshi cane,
> Hariya ku musaraba aho Ya . . . (Kuba umwe mu Biwe.) . . . mwo;
> Oo, Izina ryiWe rihimbazwe!
>
> Izina ryiWe rihimbazwe!
> Izina ryiWe rihimbazwe! (Izina ry'Igiciro!)
> Oo, niho Amaraso yankoreye . . . mutima;
> . . . ryiWe rihimbazwe.

155 Mbega ivyo ntaco bikugira? Birakunyukura nyene. Bigushiramwo ivyizigiro: Ubugingo, Ubugingo Budashira.

156 "Kubambanwa na Kristo" ni iki? Ni ukubaho kubw'abandi. Abandi bameze gute? Abakwanka, abatogukunda, abo bogushinyaguriza: baho kubwabo; ubane nabo; ubakunde; "Sengera ababagirira nabi, babavuga nabi uburyo bwose bababeshera, ku bw'Izina ryanJe. Barahamye abavugishwa babayeho imbere yanyu."

157 Niyumviriye yuko ubutumwa kumbure bwari gufasha ishengero muri kino gitondo, kugira ngo mubone ko dukeneye Karuvariyo, dukeneye kubambwa.

158 None ivyo vyose vyakoze iki? Vyose vyararishwe. Mushikiwacu wicaye mu ntebe y'abagendana ubumuga, ku bantu bari hano barwaye kandi bababaye : Vyose vyararishwe; ikintu conyene utegerezwa gukora ni ukwizera ko ari ivyawe; vyemere muri ubwo buryo nyene, urakira.

159 Mwibuke: None ni igiki? Woshobora kuja mw'isi, ukavuga Ubutumwa Bwiza, ugakiza abarwaye; kandi ugatanga Ubugingo Budashira.

Mbega ukuntu vyoba vyiza kuruta: ko, ng'uyu umugabo aryamye hano afise—afise ikivyimba, kanseri, ico ari co cose. (TwaraMubonye incuro nyinshi cane Atanga imihezagiro kandi Akiza umugabo, Akiza umugore; ibihumbi n'ibihumbi vy'ibintu ntaharirizwa vyabaye kw'isi yose, murabona, babakuye ku dutanda, ku nderuzo; abantu basigaye ku magufa gusa, baraseserejwe na kanseri; uyu munsi, bameze neza, bafise amagara meza.) "Ibikorwa Jewe Nkora namwe muzobikora; mbere muzokora n'ibibiruta": "ibibiruta," ni ryo jambo ryo.

Ni iki? Nabahaye kwongera ubuzima, mw'Izina rya Yesu, kwongera ubuzima bwabo iminsi mikeya.

Ariko, "Muzokora ibibiruta: muzobaha Ubugingo Budashira mw'Izina ryaNje." Fyuu!

160 Kubera iki mwoterwa isoni n'iryo Zina ry'igiciro? Kubera iki abantu borihunga bakaritera umugongo? Ni umurwanizi. Ata nkeka.

161 "Ukwihana n'uguharirwa ivyaha bikwiye kuvugwa mw'Izina ryiWe mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu." Aho niho Ubutumwa bwatanguriye. Ni vyo? "Ukwihana n'uguharirwa ivyaha bivugwe mw'Izina ryiWe, uhereye i Yerusalemu."

162 Rero, ubwa mbere, tuzokora nk'uko Yakoze: kugira isengesho ryo gukiza abarwaye.

163 Hanyuma, turonke ingabire ihambaye: Amazi arateguwe, aha inyuma, ku muntu wese ashaka kubatizwa (hariho impuzu z'abagore hano, impuzu z'abagabo hano), yiteguriye ko muharirwa ivyaha vyanyu; kuko mwibuke, ko muharirwa ivyaha vyanyu gusa mu buryo buhuye n'ico Bibiliya yigisha. "Kuko ata rindi Zina munsi y'Ijuru ryahawe abantu, ryo gukirizwamwo."

164 Paulo yarahuye na bamwe bari bamaze kubatizwa. Bariko basemerera, bafise intsinzi. Avuga ati, "None mwabatijwe umubatizo ki?"

Bavuga bati, "Umubatizo wa Yohana."

Aca avuga ati, "Yohana yabatije umubatizo wo kwihana." Rero, tahura ibi: wo kwihana, atari uwo guharirwa ivyaha. Ni bangahe babitahura? Atari kubwo uguharirwa ivyaha. Bari babatijwe ni vyo, kubwo ukwihana. Bari barihanye:

"Ego, mugenzi, narihanye. Jewe, nizera ko Agira Aze." Bari barabatijwe *kubwo kwihana;* ivyo ni ukuvuga, "kwizera Umwami Yesu Kristo."

165 N'uko bumvise *ivyo* (ko Ikimazi camaze kuza), baciye basubira kubatizwa, mw'Izina Rya Yesu Kristo. Hanyuma, baramuhawe, igihe yabarambikako ibiganza, Mpwemu Yera; maze bavuga mu ndimi kandi baravugishwa.

166 None, ni gute muzohindura ivyo Vyanditswe? Nimudomeko urutoki ahantu na hamwe muri Bibiliya aho umuntu n'umwe yigeze aharirwa ivyaha, mw'Isezerano Rishasha, yigeze abatizwa mu bundi buryo atari mw'Izina rya Yesu Kristo.

167 Nyereka ahantu na hamwe muri Bibiliya aho umuntu n'umwe yigeze abatizwa mw'Izina rya Data, Umwana, Mpwemu Yera. Canke unzanire ivya kahise, kahise k'ishengero kerekana aho umuntu n'umwe yigeze abatizwa mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera, gushika imyaka amajana atatu n'ibindi inyuma y'urupfu rw'intumwa ya nyuma, igihe ishengero Katolika ryitunganya.

168 Ubu, ndafise igitabu citwa *Ba Data b'Imbere ya Nikeya*, hamwe na . . . abahinga b'akahise bose, n'ibindi, mu biro vyanje: kahise ka kera cane kubashwe mw'isi; ivyemezo vyonyene simusiga dufise.

169 Murasona igitabu *Umushitsi wacu wo ku munsi w'iyinga,* canke ikatikisimu y'ishengero Katolika, hanyuma mubarabe, ivyo bavuga: "Abaporoti bamwe kumbure bazokizwa, kubera yuko bunamira ivyizerwa vya Katolika: Kuko Bibiliya yabo ivuga iti: 'Mubatize mw'Izina Rya Yesu Kristo,' ariko twarakuyeho ku mugaragaro 'Izina Rya Yesu,' maze dushiraho 'Data, Umwana, Mpwemu Yera,'" kandi baravyemera.

170 Rero, nyereka Icanditswe gitandukanye n'ivyo, ng'ivyo, ariko n'ubwo biri uko, isi iravyubaha neza. Kuki? Ntibarigera baja i Karuvariyo. Ni ivyo. Ntibarigera babibona.

171 Bazogutwenga kandi bakwite . . . mbere bazonakwita, "Umweranda yikumbagaza hasi," "Yesu wenyene," n'ayo yandi mazina yose y'akaguma bobita. Ivyo bobita bibatwaye iki? Ni iki bakoze . . . Mbega Yaritayeho ivyo baMwise? Yarabambwe. Yabereyeho Imana, Imana Yonyene. Kandi namba ya Mpwemu nyene, Yari muri We, Iri muri mwebwe, Izobatuma mukora ivyo nyene: mutwaye Izina ryiWe. "Ivyo mukora vyose" (niko Bibiliya Ivuga) "mu majambo canke mu bikorwa, mubikore vyose mw'Izina rya Yesu, mushima Imana."

172 Mukura hehe iyo nyigisho y'ubutatu, y'igipagani? Iva mw'ikatikisimu, atari muri Bibiliya. Ijambo "ubutatu" nta n'ubwo rivugwa mu Vyanditswe vyose kuva mw'Itanguriro gushika mu Vyahishuriwe Yohana. Nta kintu nk'ico kihari. Nta kintu nk'ico kiriho c'imana zitatu. Ni Imana, Imana Yonyene, Imana Imwe. Yamye Ari Imana Imwe. Yakoze ibikorwa bitatu:

Yakoze igihe kimwe nka Data, kuri Mose. Yarakoze igihe kimwe no mu mubiri, nk'Umwana, Yesu. Akora ubu nka Mpwemu Yera. Ariko ni Imana Imwe. Imana Imwe, Idafise amazina atatu. Ibikorwa bitatu, amatazirano atatu mw'Izina rimwe: Yesu Kristo.

173 Ikinyuranye n'ico ni ubupagani; kandi ndasaba umuntu yovyerekana, namba atari vyo. Ni vyo. Narabivuze imyaka n'imyaka, kandi nta muntu n'umwe yabihinyuje, gushika ubu (Murabona?), kuko ntibishoboka. Ndafise. . .ng'iyi Bibiliya, ubwa mbere; hariho inkuru za kera zerekana ko ari vyo koko. None kuki umurwanizi agira. . .? Nda. . .Bibiliya Yavuze ko vyobaye ukwo: "Bashobora kuza gute, Ntabakwegereye?" Ico ni co ndabiziko. Ivyo ni vyo Yesu Yavuze, rero. . .

174 Sindiko mvuga ivyo kugira ngo mbe. . .Hamwe novuga ivyo, kandi nigisha ubutumwa nk'ubu, noba ndi indyarya ya nyuma muri mwebwe. Ni vyo. Mvuga ivyo kuko Ari Ukuri kandi Ari Ubugingo. Ababatizwa muri Kristo bose, bambara Kristo. Bafise Ubugingo, kubw'Izina ryiWe.

175 Dusenga mw'Izina ryiWe, turondera mw'Izina ryiWe, tuvuga ubutumwa mw'Izina ryiWe, tubatiza mw'Izina ryiWe, tubaho mw'Izina ryiWe, dupfa mw'Izina ryiWe, tuja mw'Ijuru mw'Izina ryiWe, tuzuka mw'Izina ryiWe. "Umuryango wose mw'Ijuru witwa Yesu." Bibiliya ni ko Ivuga: "Umuryango wose kw'isi witirirwa Yesu." Yavuze ati, "Naje mu baNje. . ."

Muravuga muti: "Erega, ni Izina rya Data."

*Data* si izina, ni itazirano. Yavuze ati, "Naje mw'Izina rya Data, ntimwaNyakira." None, yaje mw'Izina irihe? Uh-huh. Ata nkeka, ". . .Ntimwanyakiriye."

176 Rero ng'ivyo; ni uko nyene, ego, vyahishijwe amaso y'abanyabwenge n'abahanga. Ata nkeka, niko biri, uh-huh.

177 Kandi hariya mu Vyahishuriwe Yohana, nk'ukwo twigishije ejo bundi: hariho ishengero maraya rya kera, ari ryo rya dini rya mbere; hanyuma rero yari afise umugwi w'abakobwa yavyaye. Bakora ivyo nyene, ya migenzo nyene. Vyose bihereza i Babuloni, mu buryo bumwe, hamwe n'i. . .hamwe n'ishengero ry'i Roma n'ishirahamwe ry'amashengero ry'i—ry'ibihugu; kandi ng'uwo, vyose birangirira, vyose mu kintu kimwe, ubwato bumwe.

178 Ariko Ishengero ry'Imana (Haleluya!), ni Ishengero Ryahamagariwe gusohoka, Ryitandukanije. Ishengero ryubatswe gute? Uzobimenya gute? Woshobora gute kumenya ko ibi ari Ukuri? Igihe Imana Ibiguhishuriye. Abeli yamenye gute—gute ko wari umwagazi w'intama mu gishingo c'amapome? Yarabihishuriwe: "Ukwizera ni kwo kwatumye Abeli aha Imana ikimazi kirushirije kuba ciza."

179 Amanutse avuye ku Musozi wo Gukayangana, Yesu Yavuze Ati, "Abantu bavuga ko Ndi nde?"

Bamwe bavuga ko uri "Eliya," "Mose," n'ibindi.

Aca Avuga Ati: "Ariko nimwe mbaza, 'Mweho muvuga ko Ndi nde?'"

Petero aca avuga ati: "Uri Kristo, Umwana w'Imana Nzima."

180 Nawe Ati, "Ntiwigeze wiga ibi. . ." Mu bundi buryo (Mvuga ibi, atari ukugira ngo nirate, ariko kugira ndabatahuze uko ndabibona): "Ntiwigeze wiga ibi mw'iseminari kanaka; nta muntu yigeze abikwigisha; ariko Data, Ari mw'Ijuru, ni We Yabiguhishuriye: yuko NDIHO (atari Data, Umwana, na Mpwemu Yera, ariko Ndi Yesu Kristo). Kandi kuri urwo rutare (Urutare uruhe? Rwa rundi nyene Abeli yajako; kuri urwo rutare nyene.), kuri uru rutare, Ukuri kw'Imana kwa mpwemu guhishuye, Nzokwubakako Ishengero ryaNje, kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora." Ivyo ni vyo. Baragerageza, ariko ntibazorishobora. Murabona?

181 Rero ja i Karuvariyo gusa, ubambwe, ugaruke, uce ufatana inzira hamwe na za nkehwa z'Umwami z'inkengerwa, ubandanye.

182 Ubu, Mwami, tuKuragije ibintu vyose. Sinzi, muri uyu mugwi, ibiri hano. Nta buryo na bumwe mfise bwo kubimenya, Mwami, kiretse Ubihishuye. Kandi ubu, Mana Data, sindiko ndaGusaba ngo Ubikore. Nabishize gusa imbere y'abantu. Ehe ng'abo. Ese iyi yoba Karuvariyo nyayo muri iki gitondo; bibe ukubambwa nyakwo kw'ubugombe bwacu, n'ukwipfuza kwacu, n'ibihambaye vy'ubu buzima.

183 Ese boca bugufi, bakaba abiteguriye gufatana inzira na za nkewa z'Umwami z'inkengerwa. Reka bagende bicishije bugufi. Bavukire muri ubu Bwami, ubu Bwami buhambaye bw'Imana, ari bwo umubiri wa Mpwemu, umubiri wo mw'ijuru wa Kristo kw'isi: "Muri Mpwemu Umwe ni ho twese twabatijwe ngo tube umubiri umwe."

184 Biduhe, Mwami. Baba ari abirabura, abazungu, ab'umuhondo, ab'inginagina, uko bari kwose, umugabo canke umugore, umuja canke uwidegemvya: twese twaremewe kunywa kuri Mpwemu Umwe.

185 Biduhe, Data, kandi bibe hamwe na. . .muri benshi, muri iki gitondo, kugira ngo baze gutahura; Wugururure ugutahura kwabo. Rero, vyoca bimera nk'umunsi mushasha kuri bo: izuba rigakayangana, n'umuco mubi wa teworojiya yakozwe n'abantu ugahera, maze Umuco w'Imana ukamurikira mu nzira yabo, Utabure igihuzu gitwikiriye uyu Muco mwiza. Hanyuma bazoshobora kugendera mu nzira yagutse y'ubweranda, babeho kubw'abandi, nk'uko Kristo yabigenjeje.

186 Ubu rero mu gihe dutanguye umurongo wo gusengerwa, ndaGusavye Usige amavuta abakozi bawe muri iki gitondo, twese, mu gihe dusengeranira. Kandi Uhe gukira, uyu munsi,

umuntu wese arwaye aca muri uyu murongo wo gusengerwa. Bashobore gusubira inyuma, nka wa mukobwa muto w'amaso y'imirazi, na wa muhungu muto, hamwe na . . . na wa mupfasoni w'umutamakazi, na—na Mwene Data Wright, hamwe na benshi mu bahaciye, Mwami, bafise imibabaro n'indwara n'ikintu abaganga batashobora kuvura; none ehe ng'aba uyu munsi (haheze hafi indwi), none ehe ng'aba, bameze neza, uyu munsi.

187 Mana, reka abagabo n'abagore barengane bafise nka kwa kwizera, bazi ko bagiye i Karuvariyo kubambwa ku vyiyumviro vyabo n'ivyo bibaza ko "batagishobora gukira." Reka za nkomezi zakura Yesu mu mva zibahe ubugingo, ubugingo buhambaye bwo kwizera.

188 Hanyuma rero, buno nyene inyuma y'ibi, benshi baze ku kidengeri co kubatizwa. Tubisavye, mw'Izina rya Yesu. Amen.

189 Rero, dufise iminota mirongo ibiri gusa yo gukora umurongo wo gusengerwa n'igikorwa co kubatiza. Ubu nta makarata yo gusengerwa dufise. Twaziretse, kandi tuzogerageza kuzikoresha mu bikorane vyanje bininiya ni twatangura. Narabibabwiye mwese, twarabishize ahabona, turabifise kuri bande, kandi aho nja hose, ayo ma bande azorungikwa imbere.

190 Ikimenyetso cerekeza gusa ku muhezagiro. Iciyumviro cari iki, "Niwasengera abarwayi, ushikane abantu ku kukwizera."

Navuze nti, "Ntibazonyizera."

Aca avuga ati: "Uzohabwa ibi bimenyetso, kandi kubw'ivyo bazokwizera." Ibimenyetso vyagiye birigaragaza, imyaka icumi kw'isi yose, ata na rimwe vyihenda. Nta kwihenda, na gato, muri vyo. Ni bangahe bazi ko ukwo ari ukuri?

191 None, namba ushobora kwizera ikimenyetso, izere rero Ubutumwa. Ni vyo. Kirabugaragaza. None Imana Yonshiramwo Ubutumwa, Ikareka bukaba ubutunganye gutya, atari uko . . . nkababwira ikintu c'ikinyoma? Imana ntiyokwemerera ko ndabikora. Oya, oya. Oya, mushingantahe. Ndiko ndababwira Ukuri.

192 Rero, mwese abashaka gusengerwa, ni muze kuri uyu murongo hano, ni muze kuri uru ruhande, namba mubishaka, hariya, mutonde i buryo. Bica rero bituma abantu barengana turiko turasenga. Hanyuma turasaba a—abahungu, abashibamyi bacungere; mu gihe bariko bararengana hano, hanyuma kuri uru ruhande, turabacisha inyuma, hanyuma tubegereze. Abantu bose barasengerwa.

193 [Umuntu umwe avuganye na Mwene Data Branham—Umw.] Oo, oya, oyaye, sinabikoze. Igihe cose mushakira. Ntaco bitwaye. Mushobora kumujana hanze, canke mu . . . Ndashobora . . . mujane hanze hariya ubu, canke mu kanya kaza, igihe cose ashakira, ntaco bitwaye.

194 Rero, dutekereze ukwo bishoboka, muri iyi minota mikeya ikurikira. Ndashaka ko mwese mwoba muriyumvira ubu: None, ni iki—ni iki Bibiliya Ivuga? "Ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza uwurwaye." Ni bangahe bazi ko ari vyo? Ni bangahe bazi ko Bibiliya Ivuga Iti: "Ibi bimenyetso bizogenda bikurikira abizera. Ibikorwa Jewe Nkora namwe muzobikora"? None ivyo bikorwa vyari ibihe? Yavuze Ati: "Ndashobora namba wizera ko Nshoboye kubikora." Ivyo ni vyo?

Ikibazo canje cari ikihe? "Ntibazonyizera."

Yavuze ati: "Ibi bimenyetso bizotuma bizera."

195 Rero, namba mwizeye, mwitegure: Iki ni igihe canyu co kubohorwa. Ni nka kurya nyene biba ku caha, ni rya sezerano rya ya Mana nyene.

196 Ubu, turafise umugore mutoya, arwaye hano, afise ingorane y'umushishito, ava muri New Albany. Tugiye kumusengera, ubwa mbere, kugira ngo ashobore kumuronkera—kumuronkera icicaro. Rero, mutekereje, kandi mwese, ubu. Nshaka ko bene Data bamfasha, hano. Reka ubu twunamike imitwe yacu akanya gatoya, kubw'isengesho.

197 Data Wo mw'Ijuru, iri ryari Ijambo ryaWe. Jewe sinegwa n'ingingo izofatwa kuri ivyo, ariko negwa no kuvyigisha. Kandi mu gihe nzi ibi (kandi nzi yuko ndi umugabo ahumuye, kandi ko umunsi umwe ntegerezwa kuza imbere yaWe): nigishije Ukuri bivuye ku mutima. Murabizi. Ataho mpengamiye, namba ariko bimeze, Mwami, noba nkeneye kwihana.

198 Kandi Data, Ndasenga ngo Uze umfashe, ubu, mu gihe tugiye gusengera abarwaye, amasengesho yanje yishurwe, ntabe amasengesho yanje yonyene, Mwami, ariko isengesho ry'iri shengero, nk'uko aba bantu bagorwa. . . Mbega iyaba yari umukenyezi wanje ahagaze hano? Iyaba yari we, yicaye mu ntebe y'abagendana ubumuga? Canke mushikiwanje? Canke mawe? Oo, Mana, kiza aba bantu. Urabikora ga Mwami?

199 Raba, bahagaze ku murongo wo gusengerwa: indwara z'umutima, kanseri, ikivyimba, ubwoko bwose bw'indwara n'ububababare. Benshi muri bo baraza (amajana bariko barabohoka, babohokera ng'aha nyene, Mwami), kandi barabibona, bakavyizera, bakaza mu murongo wo gusengerwa kugira ngo bemere ukubohoka kwabo. Baje kw'Ibuye ry'ubugingo, atari ku musavyi waWe, ariko ku Mwana waWe, Yesu, Ari We Murongozi w'Ishengero, wa Muntu banga wa Mpwemu, Ari muri twebwe. Kandi uko tugenda, dushikana Izina ryiWe (Wavuze Uti: "Bazosenda abadayimoni mw'Izina ryaNje."), ndasenze ngo Wishure amasengesho yacu, mw'Izina rya Yesu. Amen.

200 Kano kanya, mwese mube mu gusenga. Ubu, uru ni uruhara rwanyu, namwe. Iri ni isengesho ryanyu.

Rero uyu mugore mutoya ategerezwa gupfa, ni hatagira Ikintu Kimufasha.

201 Ni bangahe bazi Mwene Data Stadsklev? MweneData na Mushikiwacu Stadsklev? Nahamagawe n'abo mu Budagi incuro zitatu ejo bundi ku mugoroba; umwana wabo yari yapfuye. Babajije bati: "Mwene Data Branham, twarakubonye uzura abapfuye, kubwa Mpwemu w'Imana," (Niho bari bavyihweza. Murabona?) "kandi turazi ko uri umuvugishwa w'Umwami. Vuga Ijambo rimwe gusa."

Navuze nti: "Sinshobora kubivuga, kiretse bishizwe mu kanwa kanje."

"Nuze mu Budagi." Naciye mvyuka nihuta. Baciye baterefona bati: "Twaronse indege ishobora kukuzana mu Budagi mu masaha atandatu." Indege y'igisoda yari kunjana mu Budagi kuzura umwana yapfuye. Indege y'igisoda yari kunshikana mu masaha atandatu, kuva Louisville gushika München, mu Budagi.

202 Naciye ninjira ng'aho, ndapfukama, nca mvuga nti: "Data, mvuge iki? Vugira mu kanwa kanje." NtiYanyishuye. Naciye nja mw'ishamba, ndavuga nti: "Data, mvuge iki? Shira amajambo mu kanwa kanje. Bitari uko noba ngiriye ubusa." Naciye nsubira inyuma, ntiYanyishuye. Ndataha. Mw'ijoro ryose narasenze nti, "Mwami, shira amajambo mu kanwa kanje." Nta na kimwe cishuye.

203 Bukeye bw'aho umugore wanje aravyuka. Akimara kugenda, Ijambo (Narahagurutse), Yavuze Ati, "Nturwirukane. Uku ni ukuboko kw'Umwami." Uh-huh.

Nca nyarukire kuri terefone nti: "Sinshobora kuza. Oya, uku ni ukuboko kw'Umwami. Birabujijwe." Murabona ubushobozi buri kuri uko kwirukana? Igihe Imana Yavuze Iti: "Ntubikore, kuko ari ukuboko kw'Umwami."

204 Mose, igihe kimwe, yabariwe kutagira ico akora, aragenda maze apfa kubikora. Muravyibuka? Rero si—sinagiye.

205 Kandi noshobora kubazanira ivyegeranyo vyerekana abantu bane batandukanye, abaganga bari batangaje ko bapfuye, inyuma y'amasengesho n'urupfu rukirukanwa. Murabona? Duhagaze hariya ngo twirukane ico kintu. Kandi namba Imana Yaguhaye ubushobozi zo gukora ikintu, vyoba vyiza wiyubaye ivyo ukora. Murabona? Vyoba vyiza wiyu-. . . Yavuze Azi: "Ntukore . . . "

206 Rero, nimwibuke, ibi bishobora kuboneka nk'ibidafise agaciro kanini, ariko kuri jewe, birafise ico bisigura. Murabona?

"Ivyo ntuvyirukane." Ijwi ryiyoroheje ryiza (nk'isaha cumi na zibiri n'igice, ni ko nibaza, isaha cumi na zibiri n'igice ico gitondo) ati: "Ntiwirukane ibi. Uku ni ukuboko k'Umwami."

Nca mvuga nti: “Urakoze, Data. Urakoze, Mwami. Ntavyo nkora.”

207 Iyo avuga ati: “Vyirukane. Uyu ni umurwanizi yinyegeteje.”

Nari guca mvuga nti: “Reka tugende.” Kandi vyari gukoreka.

208 Igihe wa muhungu muto hariya muri Finilande yari arambaraye ng’aho, yapfuye, yajanjaguwe, ata n’igufa na rimwe rigikomeye mu mubiri wiwe, Umwami Yavuze ko ari ukuboko kwa Satani, ati: “vyirukane.”

209 Nca mvuga nti: “Wa rupfu we, ntushobora kumugumya. Mugarukane, murekure.” Yaciye asimba arahaguruka, ameze neza, ata gufa na rimwe ryiwe rivunitse. Iryo ni Ijambo ry’Uhoraho. Sinshobora gukoresha Ijambo ry’Uhoraho kiretse Ijambo ry’Uhoraho ribanje kuza kuri jewe.

210 Ariko mu Vyanditswe, Ijambo ry’Uhoraho ryampaye igikorwa co gusengera bano bantu barwaye; ndabahaye igikorwa co kubasengera. Rero, “ugusenga gufatanije n’ukwizera kuzokiza umurwayi;” reka dusenge, mwunamike imitwe yanyu; turaraba ico We Avuga, uko muza muregereza.

211 Uri umukristo, sivyo? Urizera n’umutima wawe wose yuko Yesu Agukiza? Ufise akabazo gatoya k’umushishito; uwumaranye imyaka myinshi, mushikanje. Ubu, ugiye gukira, namba wizeye.

212 Ubu, Mwami Mana, uno mugore muto ategerezwa gupfa kiretse Umufashije. Aka kanya ndasenze, mu gihe ndamuraba, simbona icotuma apfa.

Kandi ndumva muri jewe, Mwami, yuko ari Ubugombe bwaWe nemerewe, ubu, ko ndavyirukana: Satani, murekure!

Mw’Izina rya Yesu Kristo, akire, azoze kuri rino shengero, ashinge intahe kubw’icubahiro c’Imana. Amen.

213 Rero, mu buryo bwiyoroheje gutyo, mupfasoni, urakira. Ivyo uravyizera ga mwene Data?

Urizera wewe uri ngaho, yuko ukira? Genda rero, tangura urye n’ivyo u . . . uraza rero, urakira.

Rero, uriteze gukubita isi, ngo uyibabaze; uyimugaze, nayo nyene yaragukubise irakumugaza. Ubu rero, Imana Yo mw’Ijuru, Yakuye inkoni mw’isi Ica Itanga uguharirwa ivyaha, muri iryo Zina nyene Irashobora kuguharira ivyaha, mu gukuraho umubabaro wawe Ikagukiza.

Urizera yuko Ishobora gutuma umutima wawe utera neza? Uvyizeye, urakira . . .? . . .

214 Mwami Yesu, uyu mugore mugorwa ategerezwa kuryama muri iyi ntebe ubuzima bwiwe bwose asigaje hanyuma rero, ace ajanwa. Ariko turasavye ngo ubu bushobozi bwa Satani bumuveko. Ashobore kubaho kandi atambuke abeho nk’uko bisanzwe. Tubisavye mw’Izina rya Yesu. Amen.

215 Uravyizera? Ni igikorwa caherahejwe, vyarakozwe. Ikibazo ni ikihe? Ata bwoba, ata . . . Ntiyari . . . ? Warigeze gukira kanseri igihe kimwe . . . ? . . . Rekura, vyose ubihe Yesu.

216 Mwami Yesu, ndarambitse ikiganza canje kuri uyu mugore kandi ndirukanye indwara yiwe. Ndazi ko ari Umukristo, yavyawe na Mpwemu. Ndabimukuyeko, mw'Izina rya Yesu Kristo ari ryo Zina ryiza cane. Amen.

217 Mwami Mana, kubwa mwene Se w'igiciro, ndasavye agakiza kiwe mw'Izina rya Yesu. Uhagarare kuri ivyo. Amen. Birakoreka.

218 Uriteguye kuronka ugukira kwawe, mwana wanje? Ni vyiza, Yavyifatiye mu kiganza.

219 Mwami Yesu, kuri uyu musore, yavuze, bivuye kuri Wewe, ko asenga ngo aronke ugukira kwiwe. Nk'umukozi wawe, ndarambitse ibiganza vyanje kuri we mw'Izina rya Yesu Kristo . . . ? . . . Amen.

Ubu, gusa ico cose . . . ? . . . ubu, wambaze Izina ryiWe gusa. Atari—atari jewe . . . ? . . .

220 Mana Data, nk'umwana gusa yigeze kuryama ku gikiriza ca nyina, nyina akamukuyakuya kandi—kandi bagasengera hamwe, amufata akaboko agihe yari akiri akana gahoha. Satani yamushize mu kigo c'abarwayi bo mu mutwe. Mana, yaje kw'Ishengero ryera ry'Imana, Ishengero ryavyawe na Mpwemu w'Imana, Ishengero Mpwemu w'Imana Abamwo, kandi Akimenyekanisha. None uyu musi, kubw'isengesho, turabohoje urya mugore ave muri kirya kigo. Ni mw'Izina rya Yesu Kristo, dusenze. Amen.

Genda muhira, wakize.

Wakoze kuza, usabira mama wawe; uwo ni we muhungu nyawe.

221 Uyu ni umusi w'ukubohoka kwawe. Mwami Yesu, kubw'uyu mugore akiri muto, kubw'agakiza k'umugabo wiwe n'ukubohoka kw'umuhogo wiwe, avyakire mw'Izina rya Yesu Kristo, We Yavuze Ati: "ingo, uvyizere ubu", ni icakozwe giherahejwe.

222 Mwami, abaganga baravuze ko biri mu mubiri wiwe, bitera bija mu jisho ryiwe, Mwami. Yaje kugira ngo abohorwe, aha kuri arutari, mu gihe iri Shengero ryera ririko rirasenga, ndasavye ukubohoka kwiwe mw'Izina rya Yesu Kristo, iki cago kive mu mubiri wiwe. Ni igikorwa caherahejwe.

Kubw'umuhungu wiwe, ndahezagiye aka gatambara. Reka ukwumva n'ivyankenerwa nyavyo bigaruke mu gutwi kwiwe . . . ? . . .

223 Ubu Ishengero riravuga; Ishengero ni ryo Mubiri w'ibanga wa Kristo. Twese turiko turabasengera. Murabona? Ntitu—ntitukivuga ko turi mw'isi ukundi. Ntituriko tuvuga kuvyo

kwibaza aho tuja. Twarabonye Inzira. Twavukiye muri iyo Nzira. Turi Ishengero ry'Imana Nzima (igice caryo); nivyo, rikwiragiye mw'isi yose. Ariko uyu ni umugwi wo muri bo. Uyu munsi, twese hamwe tuje mw'Izina ryiWe. Tuje gukora ivyo Yavuze, ngo dukore. Ico Adashobora guhishura igihe tuje hamwe. Gusengera abarwayi, kubarambikako ibiganza, "isengesho ry'ukwizera rizokiza abarwayi."

224 Ikibazo c'umutima kikuveko. Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndubaha igikorwa Imana Yampaye . . . ? . . .

60-0925 Wa Munsi I Karuvariyo
Ihema rya Branham
Jeffersonville, Indiana Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org